# Igihe C'Ishengero Rya Filadelufiya

Jeffersonville, Indiana, USA

10 Kigarama 1960

1 Mwene Data umwe yagiye kundonderera isambusa nini irimwo inkere igishushe. Ndababwiye,gukikiriza birafise ico bifasha. Hanyuma aravuga ati: "Bagenzi…" Uvyiyumvirakoiki, ga mwene Data Neville? Ni uko. Murabona? Bisa n'uko isambusa irimwo inkereikundwa. Mu vy'ukuri iraryoshe. Nk'uko nabivuze, iyo uriko urarya isambusa irimwoinkere, rimwe na rimwe hari igihe usangamwo udutiribwa. Mu bisanzwe, sinca-sinca nta iyo sambusa, ico nkora nta ako gatiribwa hanyuma nkabandanya nifunguriraiyo sambusa yanje y'inkere.

Uko ni ko nagomba ko mukora ku bijanye n'ububutumwa. Iyo mushikiriye…Nimujane nanje, hanyuma mushikiriye ikintu mudashobora-mudashibora kwuza neza, kuki, neza, nimugire…ntimuce muta vyose, murata gusa akogahande (ico gitiribwa), hanyuma mubandanye murya isambusa. Mu gihe murikomuriga. Ego.

Iyo mu…Murakunda inkoko, inkoko yokeje? Hafi bosemurayikunda. Neza, rero, iyo muriko murarya inkoko, hanyuma mugashikira igufa,ntimuca muta iyo nkoko yose, ico mukora muta gusa iryo gufa. Si vyo, ga Pat?Muta igufa gusa, maze mukabandanya murya iyo nkoko.

Nuko rero, turanezerewe no gushobora gufunguraimfungurwa zitagiramwo amagufa canke ibitiribwa. Umutsima wururutse uvamw'Ijuru, witwa "manu," wari wuzuyemwo uburyohe bw'Ijuru.

Murazi, nibaza ko ari Dawidi yavuze igihe kimwe ati: «Bisosa nk'ubuki bwo mu gitandara.» Nibaza ko umuririmvyi yavuze ati: "Bwariubuki bwo mu Gitandara." Oh, mwene Data, uramaze guhonja… bimeze nk'ubuki bwomu gitandara. "Ubuki bwo mu Gitandara, mwene Data." Uko niko bimeze.

2 Murazi, igihe kimwe na -naribajije ico ivyo bisigura,"ubuki bwo mu gitandara." Nca ndiyumviranti : «Kumbure ko basanze aho inzuki zaritse mu gitandara igihe kimwe." Ariko mukubandanya ndavyihweza, nahavuye ndonka impishuro ntoya. Na… Atari muri icogihe nariko ndabirondera, ariko mu nyuma nahavuye nsanga abungere bose b'intamababa bafise intama… Hariho ikintu kimwe kuri vyo, murazi, imibiri yacu igizwen'umukungugu wo kw'isi. Buri -buri kintu cose kibaho kiva mw'isi. Kandi abobungere, bari bazi ko ingwa iva yafasha intama mu gihe zaba zifise ikintukitameze neza, murazi, zirwaye, cankeikindi cose. Bagomba ko zirigata ibuye. Muramaze kubona intama zibikora, zijakurigata ibuye. Kandi kugira ngo intama zemere kurigata iryo buye, barafatabakarisukako ubuki. Aho rero intama zaca ziza zikarigata ubuki, maze zigacazigirako zirigata na rya buye, murabona, mu gihe -mu gihe zaba ziriko zirarigataubuki.

3 Neza,turafise hano isaho yose yuzuye Ubuki hano. Turaja kubushira ku Gitandara,atari kw'ishengero kanaka; ku Gitandara, ari co Kristo Yesu. Kandi namwe ntama,muraja kuburigata aka kanya, maze mu -mu -mu -muraca mukira ubwo nyene atankeka. Ingorane zose ziterwa n'icahazizokamangana nmwarigata -rigata icoGitandara. Ico ni co conyene mukwiye gukora.

Hariho ikintu kimwe ku vyerekeye ibuye ririmwougukira indwara, ugukira indwara. Kera, imbere y'uko haboneka urucancorw'indwara y'ibisazi vy'imbwa, bahora bakoresha ico bita "ibuye ry'ibisazi." Iyoumuntu yaba yariwe n'imbwa isara, bamushira kuri iryo buye ry'ibisazi. Rero,iyo iryo buye ry'ibisazi… Iyo agumye amatanye n'iryo buye ry'ibisazi, yarakira;ariko ridafashe, n'ukuvuga ko indwara yaba igeze kure, ya -yaca ahwera.

Uko ni ko biri uno musi. Uruguma rubi cane nzi si urutewe no kuribwa n'imbwa isara,ariko ni uruterwa na wa murwanizi. Kanditurafise Ibuye riruvura, ni ca Gitandara c'Ibihe. Ni mucumireko gusa. Mu gihe cose muzoba mukicumiyeko, muzokira.Ntimukigere murekura canke ngo muhebe, nimubandanye kucumirako. Matana na Co, maze -maze muzo -muzokira.

4 Ubu rero, imbere yo gutangura icigwa cacu co kuri uno mugoroba, kandi -kandi tugomba guhaguruka akanya gato kugira dusenge.

Ntiwoba uri mushiki wa Robert Dautgherty, siko ?Hano. Ejo ku mugoroba yaranterefonye, ndibaza ko hari ejo, kandi twarikotuvugana ku bijanye n'uko yari akeneye gusengerwa. Kandi si -sinari ndabizi,usa na we, sinamenye ko ari wewe canke ko atari wewe. Narakubonye ngaha ejo kumugoroba.

5 Ubu rero, ni bangahe bipfuza kwibukwa imbere y'Imana,canke mwipfuza yuko Imana ibibuka, nako? Nimugire…

Data wo mw'Ijuru, nka -nk'uko wa murongozi wacumuto w'indirimbo wa hariya i Chicago yahora aririmba ati, "Nunyibuke mu giheamosozi ariko aratemba," Mwami, nunyibuke aka kanya. Mw'isaha y'urupfu, mu… mukubaho kwacu kwose, tugomba yuko Utwibuka, Mwami. Ntutwibuke nk'abanyavyaha, nk'aboturi, ariko twifuza ko Utwibuka nk'Abakristobatuye; ko twemeye Yesu Kristo, Umwana wawe, n'Umukiza wacu, kubw'intuze yacu…nk'impongano y'ivyaha vyacu. Ivyo, turazi ko ariyo mahirwe yonyene -yonyenedufise, inzira imwe yonyene, uburyo bumwe bwonyene bwo kuronka agakiza. Ntibicamw'ishengero kanaka na rimwe canke mu bundi buryo na bumwe bundi umuntuyihinguriye, canke

idini na rimwe, ariko bica kuri Yesu Kristo, We wenyene.

Gurtyo rero, twegereje mw'Izina ryiwe kuri uyumugoroba, tugusaba ngo uduhezagire mu gihe dukoranye ngo twige Ijambo ryawekandi tumenye ivyo watubikiye, kuri uno mugoroba. Kugira ngo dushobore kwubaka imibiriyacu -yacu y'impwemu ngo tube Ishengero rizima. Ishengero Ushobora kubamwo, ukagendagendamwo,ukiyumva neza, uriko uragendagenda hagati y'ihanga ryawe, utubwira ivyodutegerezwa gukora, kandi ukamenya ko duca tubikora ubwo nyene.

Kandi turagukunda, Data, ariko turazi yuko tutarageraaho Ushobora kuvuga uciye muri twebwe nk'uko Ubigomba. Kubw'ivyo turagusavyengo ukebe, ni ukuvuga, ukate ubupfu bwose, uwo mubiri wose urengako kuri twebwekuri uwu mugoroba, kugira ngo dushobore kukwiyegurira rwose, kandi ushoborekudukoresha mu gihe cose. Kandi turagusaba ico gihe ube uwu mugoroba, Data,ng'udukoreshe ducukure izo zahabu ziri muri Bibiliya, tuzikureko inkamba mazetwereke abantu ugukayangana kwa Kristo mur'iki gihe ciza cane c'ishengero.Tubigusavye mw'Izina rya Yesu. Amen!

6 Rero, twarabonye ibihe vy'ishengero, gushika kugihe c'ishengero co kuri uno mugoroba, arico gihe ca gatandatu c'ishengero. Ejo ku mugoroba, tuzorangiza ikicigwa ku bihe vy'ishengero, tumaze kwiga kimwe kimwe buri mugoroba, uhereyekuwa mbere ugashitsa ku w'iyinga. Kuri uno mugoroba, igihe c'ishengero citwaIgihe c'ishengero rya Filadelufiya. Kandi inyenyeri canke i -intwarabutumwa,umumarayika-ntwarabutumwa kuri iki gihe c'ishengero, turizera bivuye ku mutimako ari John Wesley. Igihe c'iri shengero catanguye mu 1750 mu gihe igihe c'ishengerorya Luteri cari kirangiye, kandi carabandanije gushitsa nko mu 1900; hafi mu1906, igihe c'ishengero rya Wesley. Hanyuma naho, tuvuye kuri ico, tuzocatwinjira mu gihe ca Lawodikiya.

Rero, ico gihe ni igihe ca…igihe c'ishengero c' "urukundo rwa bene Data," igihe gikomeyec' "Ugukwiragiza Ubutumwa bwiza," n'igihe kandi c'umuryango wuguruye. Kandiimpera yari iyo kuzoba i -inkingi, "Kugirwa inkingi", no guhishurwa kw'amazinaatatu: Izina ry'Imana, izina ry'Igisagara c'Imana n'Izina risha ry'Imana, Nikwo guhishurirwa kwahawe iryo shengero muri ico gihe. Kandi rero, ishengero…Iki gihe gitangura mu Vyahishuriwe Yohana 3: 7, kubandanya gushika ku murongo wa 13, n'umurongo wa13 urimwo, Ivyahishuriwe Yohana3:7 gushika kuwa 13.

7 Ubu rero, tugira twibutse mu ncamake ivyo twagiyeturabona muri iyi migoroba yose. Igihe ca mbere c'ishengero ni igihec'ishengero rya Efeso. Mbega hari umuntu yoshobora kumbwira atiriwe ariyumvirauwari umumalayika canke Umuco (umukozi w'Imana) w'ico gihe c'ishengero? Paulo.Ishengero rya Efeso ryahereye mu 55 gushitsa mu 170. Namba nahisemwo umwaka wa55, n'uko ico gihe ari ho Paulo yatanguye urugendo rwiwe rwo gukwiragizaUbutumwa, kandi ico gihe ni ho yatanguje ishengero rya Efeso n'ayo -n'ayo yandimashengero yose atandukanye hariya.

19Ni uko, igihe ca kabiri c'ishengero cari Simuruna. Ni nde yibuka umumalayikaw'iki gihe c'Ishengero, uwariwe wese mw'ishure? Ireneyo; ni ivy'ukuri. Ni uko,cahereye mu mwaka w' 170 gushitsa mu 312.

Igihe ca gatatu c'ishengero cabaye ic'ishengero ryaPerugamo. Ni nde hano mw'ishure yibuka izina ry'uwari umweranda w'ico gihec'ishengero? Maritino Mweranda, ni ivy'ukuri. Catanguye mu 312 gushitsa mu 606.

Igihe gikurikira ni ica Tuwatira. Ni nde yibuka Intwarabutumwanyeranda, umumalayika w'ico gihe? Kolomba, ni ivy'ukuri. Cahereye mu mwaka wa606 gushitsa mu 1520.

Igikurikira cabaye igihe c'Ishengero rya Sarudi,ico twize ejo ku mugoroba. Kandi uwo ari we wese… Nta nkeka, murazi uwari umumalayikaw'ico gihe c'ishengero. Muramwibuka? Martin Luther. Ico gihe cahereye mu 1520gushitsa mu 1720.

Kuri uyu mugoroba naho turi ku gihe c'ishengero ryaFiladelufiya; ari co ca John Wesley, intwarabutumwa y'ico gihe. Cahereye mumwaka wa 1750 gushitsa mu 1906, kikaba ari igihe c' 'urukundo rwa bene Data."

Rero, twarabonye yuko rimwe ryose ryo muri ayomashengero, ibihe vy'ishengero, cerekana ivyaranga iryo shengero. Vya -vyavugaico iryo shengero ryari riri n'ingeso z'ishengero, nako ibiriranga iryo shengero.

8 Rero, ejo nimugoroba yari Martin Luther. Jewe…muriibi, ndi…Igituma ndabisubiramwo, n'uko bene Data babifata ku ma bande… Maraumusi wose niga. Mwombwira muti : "Ukamara umusi wose wiga ku nkuru nkeya zakahise utubwirira ngaha?" Oya. Ido n'ido ry'ivya kahise rizokwandikwa mu gitabu,murabona. Ibi ngaha, ndiko… igituma nza hano, ni ukugira ndi mu guhumekerwaimbere yanyu; dukoranye kugira ngo twakire ivyo duhabwa bihumetswe. Inkuru zakahise, ndashobora kuzisoma mu bitabu. Ariko hano, ndondera uguhumekerwa, hanyumabigafatwa amajwi ku mabande. Hanyuma tukaronka -tukaronka… Mu gitabo rero,hazoba harimwo ivya kahise, n'ivyo tuzoba twaronse biciye mu guhumekerwa naMpwemu Yera mu gihe twicaranye ngaha hantu ho mw'ijuru muri Kristo Yesu. Kandindizera ko kizotubwira ibitari bike kuri ibi bihe vy'ishengero. Umwami arabihaumugisha!

9 Rero, intuze…Ejo ku mugoroba, igihe c'ishengero ryaSarudi; mu kigiriki, iryo jambo risigura ngo : «Uwacitse kw'icumu»; arikonibaza ko mu congereza risobanura «Uwapfuye». Ryari ishengero « ryapfuye » kandi « ryacitsekw'icumu » kuko iryo shengero ryapfuye igihe haganza abapapa mu myaka ya 1500, canke 1520, hamwe -hamwe abapapabamara igihe kirekire baganza, ari co twita Ibihe vy'Umwijima ; igiheUbukristo bwari bugeze ahantu habi butari bwigere bushika kandi butazosubiragushika, ndetse no mu gihe c'Ishengerorya Lawodikiya.

10 Ubu rero, hariho ikintu gitangaje nashaka komugumiza ku mutima igihe tuzoba turiko turiga ibi bihe vy'ishengero, ibiri mugihe kanaka c'ishengero vyose biguma bigaruka muri buri gihe c'ishengero cose, kandiburi gihe cose c'ishengero kigenda cinjiranamwo n'ikindi. Nimwasoma inkuru zakahise mwitonze hamwe n'ibitabu, muzobibona.

Bigenda vyinjiranamwo, nk'uku, biryamanako. Igihekimwe c'ishengero kirarengana hanyuma umumalayika akaza hagati y'ivyo bihe ukoari bibiri kugira ngo agarukane iryo shengero ku kwizera ryaba ryataye. Ni kovyama.

Nimurabe Yuda, igitabu ca nyuma muri Bibiliya,murabona, imbere yuko mushikira Ivyahishurirwe Yohana hariya. Yuda yavuze ati :«Ndabandikiye mwebwe -ndabandikiye mwebwe kugira ngo murwanire cane Ukwizeraabera bahawe rimwe risa. » Turabona ukuntu igihe c'intumwan'ic'Ivyahishuriwe Yohana vyinjiranamwo, kuko ico gihe, abenshi mu ntumwa baribarapfuye. Murabona, ntibari bakiriho. Hari hasigaye umuntu umwe gusa ico gihe,uwo nawe yari Yohana Mweranda, w'Imana, ari we muhishizi canke umwanditsiyahawe Impishuro ivuye ku mumalayika w'Umwami kugira ngo yandike Igitaboc'Ivyahishuriwe Yohana.

11 Rero, murabona, ibi bihe bigenda vyinjiranamwo.Rero ubu mu… Ndiyumvira ko ivyo bintu mwabibonye muranavyandika uko nagiye ndabivuga. Ukuntundetse hano mu -mu igihe ca Sarudi,cabaye igihe c'Ukwabirana. Muvy'ukuri, ishengero ntiryigeze riboneka nya kuboneka imbere ya Tuwatira, arikoi Sarudi ni ho ryakoreye ukwabirana. Kandi Sarudi bisobanura « kuba mu-mu kwabirana. »

Rero -rero hamwe mworaba ryagize ukwabirana hano, hanyumahaba ukwinjiranamwo gushitsa muri ikigihe. Kandi mwarabonye, Luther, ejo ku mugoroba, aza n'izina« ryapfuye » izina ry'uwapfuye, hanyuma kandi «Uwacitsekw'icumu.» Murabona, iki gihe carigifise ishengero ripfuye ryari ryavuye muri iki gihe, kandi kikagira umugwimutoya w'abacitse kw'icumu barongowe binjizwa muri kirya gihe.

Kuri uno mugoroba, nitwarangiza igihe caFiladelufiya, ija kuba ari yo ntango y'igihe ca Lawodikiya.

12 Ejo ku mugoroba naho nivyava ku… , tugiyekurangiza, muzobona ko Umumalayika aseruka neza na neza mu gihe c'iherezo (mugihe c'iherezo gusa) kugira ngo yagirize ishengero kuba ryarataye Urukundorwaryo rwa mbere n'ukuba ryaragiye kure y'Imana, nk'uko ryabikoze uko ibihevyagiye bikurikirana. Kandi muri ico gihe, izamurwa rica riba kugira ngo rijaneIshengero i Muhira; Ishengero rizamurwa Ubutumwa bukivugwa. Kandiubu rero tu -turegereje ico gihe. Ivyo murabitahura? Ni uko! Murabona, ivyo bishikaneza na neza mu gihe u -umumalayika w'ishengero (intwarabutumwa y'igihe) aba ajekugira ngo abagirize kuba barataye urukundo rwabo rwa mbere ngo yongereagerageze kubagarukana.

Ni ivyo intwarabutumwa yo kuri uno mugoroba ikora, umumalayika-ntwarabutumwa agarukakugira ngo abagirize (ni ko bimera muri buri gihe) ivyo bakoze. Hama hariho reroukwinjiranamwo muri kimwe cose muri ivyo bihe vy'ishengero, birinjiranamwokimwe n'ikindi nk'uku. Ni nko kuduga ingazi, zikinjiranamwo nk'uku, uko uduga.

13 Kuri uno mugoroba ndaja kubabwira gusa bike mu vyabaye mu buzima bwa JohnWesley, ari yo ntwarabutumwa tuja kubona kuri uno mugoroba. John Wesley ni wenyenyeri y'iki gihe. Yavutse igenekerezo rya 17 Ruheshi 1703 muri Paruwasi yaEpworth, mu Bwongereza. Yagira cumi na gatanu mu muryango w'abana cumin'icenda. Abavyeyi biwe bari John na Suzana Wesley. Se wiwe yariumuvugabutumwa; nyina wiwe, yari umweranda yiyeguriye Imana; naho yategerezwakwitwararika abana cumi n'icenda, akaba yirirwana akazi kenshi, yararonkaakanya ko kwigisha abana biwe ivyigwa n'inkuru za Bibiliya no kubasengera. Nico gituma abana biwe babaye ico babaye. Mwene wabo Charles, umwanditsiw'indirimbo akaba n'umuririmvyi akomeye, yasize zimwe zimwe mu ndirimbozahumetswe cane twoba tuzi.

14 John Wesley yakorana na Georges Whitefield. JohnWesley na George -George Whitefield ni bo vy'ukuri babatanguje iyiMetodiste…canke nako ukwezwa.

John yavyuka kare mu gitondo; mu myakamirongw'itandatu, yama avyuka isaha cumi z'igitondo. Ico nico kintu kimweishengero ryabuze. Igihe cose yavyuka isaha cumi z'igitondo akavuga ubutumwaisaha icumi n'imwe; ivyo yabikoze imyaka mirongo itanu. Rimwe rimwe, yavugaubutumwa kabiri, mbere na kane ku musi.

Mu bwongereza bavuga ko‟buri mwaka yagenda kw'ifarasi ibilometero 8300 uharuye mu ngero z'Abongereza,aja kuvuga Ubutumwa bwiza.” Ibilometero ibihumbi umunani n'amajana atatu ku… Niingero

z'abongereza, murazi ko ari ndende kurusha izacu; agiye kuvuga Ubutumwa Bwiza.

15 Ibitabu vyinshi ku ntuze yiwe… vyaranditswe mu giheciwe kubwo kumurementaniriza no kumucokora. Ariko ivyo bitabo haciye igihekinini vyaribagiwe, n'abavyanditse baribagiwe. Ntimushobora gukorera ikibi umwanaw'Imana maze ngo vyijane, uko biri kwose, muba gusa -muba yusa muriko murwanya umuyaga. Uko bizomera kwose,Imana izobibakiza.

Bamwise Umumetodiste bafatiye ku buryo yakoramwoibintu. Bavuga ko mu buzima bwiwe bwose yavuze Ubutumwa burenga ibihumbimirongo ine. Haciye igihe gito apfuye, mu 1791 idini ry'Abametodiste ryarikorirashinga imizi, ishengero ry'Abametodiste na ryo riba riratanguye. Nta nkekako ari muri ico gihe habayeho Asbury n'abandi.

16 Ubu rero, turabe, intasho kuri iryo shengero, mugihe tugiye gutangurira ku murongo wa 7, intwarabutumwa kw'ishengero ryaFiladelufiya. Ishengero nyakuri riri mu ryiyita ko ari ishengero. Ishengerory'ukuri mu -Ishengero ry'ukuri riri mu ryiyita ko ari ishengero.

…Kandi wandikire umumarayika w'ishengero ry'iFiladelufiya…

Naberetse ukuntu ibihe vyose bigenda vyinjiranamwo.Rero, murabona hano, umumalayika… hamwe mworaba ukuntu yatanguye kuvuga ku giheca… igihe c'Abametodiste kiragira ukwinjiranamwo kikabandanya gato muriFiladelufiya…canke nako mu ca Lawodikiya, igihe c'igipentekoti. Hanyuma ejo kumugoroba, intwarabutumwa y'igihe ca Pentekoti ni yo izoza kubagiriza ko baguye,nk'uko iki gihe na co cagiriza abantu ko bagwiriye ngaha i Sarudi (mu gihe caLuteri), ukwinjiranamwo.

17 Urukundo rwa bene Data! Cabaye igihe gikomeyec'abakwiragiza Ubutumwa bwiza no kugira ingendo zo kuvuga Ubutumwa. Imberey'aho nta gihe nk'ico co gukwiragiza Ubutumwa bwiza cigeze kibaho. Oh, novugako iki kiringo c'imyaka ijana na mirongo itanu irangiye kiri mu bihebikomakomeye vyabayeho kw'isi kubera abo bamisiyonari bagiye mu bice vyosevy'isi bajanye Ubutumwa bwiza.

Turavye ivyo gukwiragiza Ubutumwa bwiza biciye munyandiko mu buryo bw'inyandiko ziri ku dupapuro dukwiragizwa hose, mu buryobw'ibitabo, n'ibindi, turashobora guca tuvuga ko haciye igihe kirekire Ubutumwabwiza bubwirwa amahanga yose ari munsi y'Ijuru. Ariko, murabona, ivyo vyerekanako uko atari ko Yesu yabigomba. Ntiyigeze avuga ati : «Nimugende mw'isi yosemutange ibitabo!»

18 Ivyo bintu ni vyiza, ariko ico yatumye Ishengero niiki : «Nimugende muje mu bihugu vyose,mubgire abaremwe bose Ubutumwa bwiza.» Kandi Ubutumwa bwiza si amajambo gusa ; niugutuma Ijambo ricika rizima ! Murabibona ! Kuko inyuma y'ivyo Yesu aca avugaati : «Ng'ibi ibimenyetso bizokwama biboneka ku bizera.» Murazi, biri muriMariko 16, ica nyuma -ica nyuma yategetse ishengero cabaye iki ngo : « Ng'ibiibimenyetso bizokwama biboneka ku bizera. » Ica mbere yatumye Ishengero gukorakiri muri Matayo 10, ngo : « Mukize abarwaye, muzure abapfuye, mukizeabanyamibembe, musende amadayimoni. Mubiherewe ubusa, mubitangire ubundi ! »Ivya nyuma yabwiye Ishengero vyabaye ibi ngo : « Nimugende muje mu bihuguvyose, mubwire abaremwe bose Ubutumwa bwiza. Uwizera akabatizwa azokizwa, arikouwutizera azotsindwa n'urubanza. Kandi ibimenyetso bizokwama biboneka ku bizerani ibi… »

Mbega ntibitangaje kubona benshi bakurako aka gaceka nyuma ? ARIKO ni sahwanya ifatanya iryungane ryose, murabona. Rero, yauzeati, (Abakozi b'Imana benshi bagarukiriza ku kuvuga ngo : « Nimugende muvugeUbutumwa bwiza. ») Ariko Yesu yavuze ati : « Uwizera akabatizwa azokizwa ;ariko uwutizera azotsindwa n'urubanza. kandi ibimenyetso bizokwama biboneka kubizera ni ibi » , bizokwama biboneka, muri kazoza, ku bizera. «Bazosendaabadayimoni mw'Izina ryanje, bazovuga indimi nsha ; bazofata inzoka ; ni banywaikintu cica, nta co kizobagira na gitoya, bazorambika ibiganza ku barwayebakire. » Ni ibimenyetso vy'Imana Nzima, bikorera mu bantu. Oh ! gushitsa he ?Gushitsa ku mpera y'isi ! Murabitahura ? Mw'isi yose !

19 Ni co gituma mvuga ko Ubutumwa bwa Pentekoti (atariubw'idini rya Pentekoti) ari bwo butumwa bwonyene bw'ukuri bwavuye ku Mana.Reka twongere dusome muri Mariko 16. Aha nyene ni ho Yesu yahereyeigikorwa Ishengero ryiwe ; ati : «Nimugende mw'isi yose ; muvuga Ubutumwa bwiza ; ng'ibi ibimenyetso : kuvuga mundimi, ugukira kw'abarwaye, ugukora ibitangaza… » Ivyo bizogarukira he ? Mw'isiyose ! » Buzobwirwa abantu bangahe -bangahe ? « Abaremwe bose !» Maze ivyo bibegushitsa ryari : « Gushitsa kw'iherezo ry'iki gihe. » Ni uko ! Mbega ivyobimenyetso bizokwama biboneka kuri iri Shengero ryonyene ? « Abazoba bizeyebose, mw'isi yose ». Mw'isi yose ; ng'ibi ibimenyetso bizoherekeza icaremwecose. » Atari aba, ariko ni « abazoba » bizeye bose. Gurtyo rero, niishengero rya Pentekoti. Murabona ?

20 Ubu rero tugira twinjire muri iki gihe caFiladelufiya, F-i-l-, igihe c'Ishengero rya Filadelufiya ari na co cigwatwahebeye uno mugoroba. Muri ico gihe, baravuze Ubutumwa bwiza, bararungitseabakwiragiza Ubutumwa bwiza, barungika n'ibitabo mw'isi yose.

Yesu yavuze ati : « Igihe Ubu Butumwa bwiza-Ubu butumwa bwiza buzovugwa kw'isi yose kugirabunshingire intahe, ico gihe, umuhero uzoca uza ». Namba kuri We « KuvugaUbutumwa bwiza »

vyasigura : gukwiragiza ibitabo, kurungika abamisiyonari ngo bigishe abantu gusoma,kwandika no guharura, gutanga inzandiko ziri ku dupapuro no gutuma abantubahana ukuboko kandi bakizera ko hariho Imana, ari uko umusi wo kuza kwiwewobaye wararenganye kera ! Murabibona ? Ariko Paulo yavuze ati : « Ubutumwabwiza ntiburi mu majambo gusa, ariko buri mu bushobozi n'ukugaragara kwa

Mpwemu Yera »

Nuko rero, igihe Yesu yavuga ati : « Nimugende mumahanga yose muvuge Ubutumwa bwiza », ivyo vyasigura ngo : « Nimugende mw'isiyose maze mubigaragaze ! » Oh, ivyo ndabikunda ! « Nimugaragaze Ubushobozibw'Ubutumwa bwiza ! » Gufata Ijambo, ni ukuvuga gufata ivyo rivuga, ni ukwerekaabantu ivyo rivuga, hanyuma ukaribagaragariza. Oh, uko ni ko dukwiriye gukora.Ivyo biraryemeza.

21 Igihe wa mugabo ahambaye Morris Reedhead yaza iwanje, ari na we yari Umukuru w'Abamisiyonari baja muri Sudani, ni bo benshicane kw'isi, yarambwiye ati : « Mwene Data Branham, wewe, naririya uri Umubatisteutegerezwa kuba uzi Ukuri ! »

Naciye ndamwishura nti : « Bibiliya ni Yo ari Ukuri. »

Arambwira ati : « Barya Bapentekoti bo bafise iki ? »

Naramwishuye nti : « Mpwemu Yera. » Murabibona ?

Ni ko guca ambwira ati : « Oh, narababonye bamenaguraivyo mu nzu bongera bajanjagura vyose. »

Ndamubwira nti : « Ego ni vyo ! Ingorane ihari ni uko mwiyonjorora, mukikumiramu kuja kure yabo. » Barafise umwuka mwinshi, boshobora kuzungurutsa ipinebagakora ikintu kanaka, ariko barawureka ugaca mw'ifirimbi. » Ndamubwira nti :« Iyo baba bareka umwuka ukinjira mumashini, hokoretse ibimenyetso, utwumiza n'ibitangaza n'ibindi. Ariko ntibaziico kuwukoresha, kandi biba bikwiye ko hagira aho uja, gurtyo rero ugacaubavamwo iyo bariko barasemerera. Murabona, bawucisha aho utabwirizwa guca.»

Huuum, notuma ndawucisha ahatari ho, hako ndawufatira simbe mfise n'umwuka wogusohora. Mweho ? Nka wa mugenzi yavuga ati : «Notinya ahubwo kugira inyuzento… Notuma ngira umuriro urenze gato hako ntawugira na mba.»

22 Uyu musi, ingorane ihari n'uko tugerageza gucapa umuriro tuvuga tuti « Murazi,kera, mu gihe ca Pentekote, bakora nk'uku. Ivyo bimaze iki kwereka igicapoc'umuriro umuntu yakanye cane (agira yicwe n'imbeho) ? Nta na kimwe muzobamumufashije ! Oya ! Aba akeneye umuriro ubwawo ! Namba hariho Ubushobozibw'Imana bwatumye Abapentekote bakorera Umwami bagakora ibikorwa n'ibimenyetsobakoze, kandi hamwe mutagarukiriza mu kuwucapura gusa, mukerekana ukuri kw'ivyomwacapuye, bazogira gatitiba nk'iyabo, baronke agakiza nk'ako baronse, basozereurugendo. Murabibona ? Ariko ivyo barinda kubibigisha. Ivyo ntimukwiyekubishira mu kindi gihe, ariko mukwiye kuvyigisha muri iki gihe nyene.

23 Turabona ko iki gihe c'urukundo rwa bene Data cabaye igihe gihambaye cogukwiragiza Ubutumwa bwiza. Yesu yavuze ati : « Nimugende mw'isi yose mubwireUbutumwa bwiza abaremwe bose. KANDI ng'ibi ibimenyetso bizokwama biboneka kubazoba bizeye… »

Rero mu gihe twaciye irya n'ino kahise na Bibiliya, nashaka kubabaza, mbegaburi mugoroba… ? Twarasomye hano, muri Bibiliya, ivyo Yesu yabwiye Yohanaku bijanye n'ivyobaye, na hano nyene, twarishimikije kahise maze turerekana koari uko nyene vyagenze. Uko nyene neza. Kandi ni co gituma vyangoye canendondera abo -abo bantu, kugira ngomenye umukozi w'Imana yatwaye ubwo Butumwa gushika ku mpera ; ariko yaba aringaho. Yari ngaho, neza na neza nk'uko Bibiliya ibivuga, yagumije ubwo Butumwanyene nk'uko bwari buri mu ntango, ntiyigere abufata uko yishakiye.

Hanyuma twarabonye kandi ko bwabaye nk'aho buzimanganye rwose, kandi ico giheyacise « igihe gipfuye, » c'umwijima, n'ibindi. Hanyuma haserukaumuco mukeya, hanyuma hiyongerako ubushobozi bukeya, mu nyuma ivyo biza muburyo bwa kipentekoti (gucishwa mu c'Ukuri), neza na neza kw'iherezory'ibihe ; hanyuma, Umugeni aca azamurwa akigira ; ni ho haca hongeragutangura wa Mubabaro ; ni vyo, wa Mubabaro Mwinshi uzoza kw'isi yose.

24 Ubu rero, dushitse muri ico gihe gikomeye c'ugukwiragiza Ubutumwa bwiza, ari coc'Urukundo rwa bene Data. Reka ndababwire bamwe bamwe bo muri aba bagabobakomeye (nanditse amazina yabo hano) : John Wesley ; GeorgeWhitefie-…Whitefield, mu myaka ya 1739;Charles G. Finney ; Dwight Moody; William Carey, uwo muvugabutumwa akomeyeyagiye mu Buhindi mu 1773 ; David Livingstone, yagiye muri Afrika y'epfo. Murabona,abo bose, bamwe muri abo bagabo bahambaye. Gusa…Ndafise amazina ya benshi canemuri bo hano, abo bagabo bahambaye babayeho muri urwo rukundo rwa bene Data ;abirabure, abafise urukoba rwera, abafise urukoba rw'agahama, abadimudimu, inzitizi zose zarakuweho,maze abo bagabo baja gukwiragiza Ubutumwa bwiza. Bari bafise urukundo rwa beneData maze basaba kwinjira mu bihugu vyose, na vyo birabugururira imiryangokugira ngo bashobore kugenda. Cari ikindi gihe c'imiryango yuguruye, kuko,imbere y'aho, ntibari gushobora kubikora kubera intwaro y'abapapa na-n'ivy'igipapa vy'i

Roma n'ibindi vyari vyarugaye imiryango yose cane ku buryobatashobora kujayo. Ariko muri ico gihe, imiryango yaciye yugururwa, kuko yariyaravuze ko cari igihe c' «Umuryango wuguruye.»

25 Buguruye imiryango myinshi muri ico gihe : Umuryango w'Ubutumwa bwiza, Umuryangowo kuja kuvuga Ubutumwa, u -u -umuryango ugarukana kuri Kristo, yose yuguruwe muri icogihe. Kandi murashobora kubona ko bene Data bakoze igikorwa gikomeye, urabiyekuri ivyo.

Kuva kuri John Wesley, inyenyeri yaje inyuma y'igihe ca Sarudi, inyuma y'aho aziye kubakanguraabakura mu gihe ca Sarudi, harabayeho mu myaka ijana na mirongo itanu iheze,abamisiyonari bakomeye (batigeze kubaho ikindi gihe canke mu gihe cabanjirije)bakwiragiye isi yose. Muvyiyumvireko. Ihanga ryose riri munsi y'ijuru ryarumviseIjambo. Ico gikorwa hashize imyaka myinshi, myinshi, myinshi kibaye, murabona,ariko ntibwari Ubutumwa bwiza, ryari Ijambo gusa, « Inyuguti zirica, arikoMpwemu ni We atanga Ubugingo. » Murabona ?

26 Igihe nahagarara muri Afrika y'Epfo, mpagaze ahavugirwa Ubutumwa uwo musi, nkabonaibihumbi n'ibihumbi vy'Abisiramu bari ngaho. Naramenyanye n'umumisiyonari yavugaUbutumwa mu bihugu vy'Abisiramu. Uwo mumisiyonari yavuga ubutumwa mu Bisiramuavuga ati : « Oh, kubw'uwo mushaha w'igiciro. » Uwo mugabo yari amazeyo imyakan'imyaka, kandi yari yashoboye kuzana kuri Kristo umwisiramu umwe gusa. Ivyobitumwa n'uko Abisiramu bakomoka ku Bamedi n'Abaperesi, kandi ivyagezwe vyabobikaba bidahinduka canke ngo bigorekwe ; namba ari umwisiramu, azorinda apfaari Umwisiramu.

Rero aho hari uwo mushaha uwo mwene Data yariko aravuga, yari ahagaze ngaho ku kibugac'inkino, i Pretoria, umurwa mukuru wa Afrika y'Epfo. Ni hariya muri -muri Letayigenga, Leta yigenga, kandi uwo mwene Data yariko ambwira ivy'uwo muntuwenyene yari yahindukiriye Imana. Hariho Leta yigenga, Leta ya Orange, nahariya muri Transvaal.

Duca tuva ngaho, twerekeza i Capetown n'i Bloemfontein, no guca muri iyo nzira;hanyuma turahindukira duca i Grahamstown, East London, hanyuma mu… tugaruka iJohanesburg inyuma yo kuva i Capetown, dudugana ku nkengera.

27 Neza cane, igisagara ca nyuma twaciyemwo cabaye Durban, aho twakoranije benshimu mvukira; aho hari imvukira ziri hagati y'ibihumbi ijana na mirongo itanun'ibihumbi amajana abiri bari bahicaye, Abisiramu, imvukira, twagize…baribafise… vyabaye ngombwa ko bagenda amayinga n'amayinga kugira ngo bahashike… mu-mu kibuga kiberamwo amahiganwa yogusiganwa ku mafarasi; kinini cane kuruta kure n'iyo ikibuga ca Churchill Downs,kigira kabiri kw'isi yose mu bunini; i Londres ni ho bafise ica mbere kinini,Afrika y'epfo, hanyuma -hanyuma Churchill Downs. Bari bashinzeho inzitirokubera hariho intambara z'amoko, kandi abapolisi (bashika amajana abiri cankeamajana atatu) bari hanze, bacisha ubwoko bwose hagati y'inzitiro, kugira ngontibarwane, bakanabaka ibirwanisho, bafise amacumu yabo n'imyampi n'ibindivyose. Bari bicaye hasi ngaho, barabana bacishije mu nzitiro, bari mu ntambaraz'amoko. Abakuru babo hejuru… babatwara ku…umuntu kanaka afise imbebo nini abahuhirakoakayaga nk'uko, hamwe n'abamikazi. Umwamikazi wo muri Rodeziya aza n'amakamyomirongo ibiri n'indwi canke amatereni canke amabehewa yuzuye abantu bavuye muriRodeziya, baje mu gikorane. Hanyuma i -itereni y'umwihariko irarungikwa.

28 Umwami yariko arakora ibintu bikomeye; ibintu vyiza cane n'ibimenyetso. Nonetwasanze iki? Sidney Smith, Umukuru w'igisagara ca Durban; dusohotse uwo musi,ndavuga nti, "Urya muntu ni ibiki… kirya kintu kiri kw'izosi, kizungurutse?» Yari umwirabure umwe, nk'uko twovyita hano,wo mu bwoko bw'abirabure. Nibo nari nagiye kubwira Ubutumwa hariya. Kandi benshimuri bo nta n'agahuzu bari bambaye, nta na kimwe, baba abagabo canke abagore.Nuko rero, yari afise igiheko ku kuboko akagira n'iharama kw'izosi. Naciyembaza nti : «Kubera iki bagira… ivyo bintu biri kw'izosi?»

Yanyishuyeati : «Ni Abakristo.»

Ncamvuga nti : «Abakristo? N'igiheko mu ntoke?»

Aca avuga ati, «Erega, mwene DataBranham, jewe… ni uwo mu bwoko bw'Abasongayi." Avuga ati "Ndazi ururimi rwiwe."Avuga ati, " Ngira ndakujane iyo ari, maze umuvugishe, umwite ivyo ugombavyose. Uvuge nyene nk'uko woba ugiye kumubaza ibibazo kanaka, nca ndamubazamaze ndagusubiriremwo ivyo azoba avuze.

29 Naciye ndamubwira nti : «Mwaramutse, ga Toma?» Namwise Toma kubera koniyumviriye ko ari ryo zina ryari rimubereye. Hanyuma mvuga nti -mvuga nti :«Mwa -mwaramutse, ga Toma?» Aca arandaba. Nca ndamubaza nti: «Mbega uri -uri Umukristo?»

«Egome,»yari -yari Umukristo.

Nca mvuga nti…Oh, birumvikana, ntiyari anzi. Ntiyari bwigere… nta n'umwe muribo yari bwigere atubona. Rero nca ndabaza nti : «Ico giheko ugikoresha iki?»

«Oh, se wiwe -wiwe ni we yacambara.» Murabona,cari -cari ikigirwamana. Murabona?

Ndamubwira nti : « Mbega…So wawe yaracambara?" Mvuganti, "Neza, nta -nto mvo ihari yuko nawe wocambara. Wewe uri Umukristo,ntiwategerezwa kucambara.»

Arambwira ati : «Umusi umwe, se wiwe intambweyamwirutseko, ariko aca acana akariro maze aca atongera ivyo umupfumu yari yaramubwiye, kuri ico giheko,maze ngo ico giheko gica cirukana iyo ntambwe.» Ibikoko vyo mw'ishamba biricabenshi hariya. Hanyuma aca…

30 Nca ndavuga nti, " Ehe raba, si -si iyo mitongeroyabwiwe n'umupfumu, ahubwo ni uwo muriro wirukanye iyo ntambwe." Nca mvuga nti,"Intambwe iratinya umuriro." Nongera mvuga nti, "Nk'umukristo, Toma, ntiwariukwiye kucambara. Ivyo ntaho mwari mukwiye kuba muhuriye.»

Ariko yaciye yishura ati : «Oh, neza," avuga ati," hamwe Amoyah…» izo ni inkomezizitaboneka, Imana yacu tutabona. Amoyah gisigura ikintu kanaka, " inkomezizimeze nk'umuyaga." Arambwira ati : «Hamwe -hamwe Amoyah vyoyinanira, iki co nticonanirwa.» Nico gituma yabitwara vyompi "kimwe kinaniwe ikindi kizobishobora." Ubu rero, izoni zo nguvu z'Ubukristo. Uh-hum. Ego. Oh, bagenzi.

31 Ariko ku muhingamo, igihe Mpwemu Yera yamanuka mugihe c'ikoraniro turi ku kibuga kiberako amahiganwa yo gusiganwa agatanguraguhishura amabanga yo mu mitima, mpejeje kwigisha Ijambo…

Vyantwaye hafi isaha yose, kugira mvuge ivyo narikuvuga mu minota cumi n'itanu, kubera ko hariho abasobanura bashika cumi nabatanu kugira bishike. Gurtyo rero, na -narashobora nko kuvuga nti: «YesuKristo ni Umwana w'Imana», maze uwuakavuga ati : «ah, ba, ba, ba, ba,», uwu nawe akajako: «glu, glu, glu, glu »;uwundi ati : «Um, um, um», nk'uko; vyose bisigura ngo «Yesu Kristo ni Umwanaw'Imana»; abo basobanuzi. Nategerezwa kwandika ivyo naherejeko kuvuga, ahandiho sinamenya aho nari ngeze; hanyuma nkarindira gushika baheze.

32 Hanyuma, nongeye kuramukirwa kuvuga, nkavuga nti:«Abamisiyonari barababwiye uwitwa Yesu yaje kubakiza» Warashobora guca ubabona barabana,murazi, ayo moko atandukanye, hose epfona ruguru nk'uko. Ndavuga nti : «Abamisiyonari barabibabwiye. Ariko mbega abobamisiyonari… Muriko murasoma iki Gitabo, mwoba mwarabonye ahantu handitse koari We Muganga Mukuru, kandi yavuze ko azoba mu bantu uko ibihe bizogendabikurikirana gushitsa aho azogarukira?» 'Ibikorwa nkora, namwe muzobikora.' Mwebwemwemeye Kristo nk'Umukiza wanyu, ko mwambaye rero ivyo biheko, mwonezerwa nokubona Yesu agarutse hano uno musi, agendagenda mu bantu kandi akora nk'ivyoyakoze igihe yari ngaha kw'isi?

Oh, bose baca bishura bati : «Cane rwose!» Ivyobaragomba kubibona, murabona. Baravyipfuza.

Narabajije nti : "None, niyabikora, akadukoreshahano kugira ngo akore nka vya bindi nyene yakora igihe yari ngaha kw'isi, mbegamwoca mwizera Ijambo ryiwe?"

«Oh, Nta nkeka!» Murabona, nabo Bisiramu bose baribicaye aho.

33 Intuze ya mbere…umuntu agira kabiri yaje ku gicaniro,yari Umwisiramu w'umugore. Mpwemu Yera ariko aravuga, nca mbwira uwo mugoreubwanje, mvuga nti, "Urazi ko ntakuzi, sinshoboye ndetse no kuvuga ururimirwawe.» Aca aravyemeza.

Yari afise akantu gatukura mu ruhanga hagatiy'amaso yiwe, vyasigura ko yari umwisiramu atavanze. Rero, nca ndamubwira nti:«Ku vyo kugukiza, sinshoboye kugukiza." Ariko mvuga nti, "Watahuye u… ivyonavuze kuri uyu muhingamo, Ubutumwa?»

Yaciye yi -yishura uwusobanura w'Umwisilamu ko...Yari umuhindikazi, ico yari ari. Yaciye anyishura ati, "Egome, yari yabitahuye.Yari yarasomye Isezerano Rishasha." Oh, ego. Uh-hum.

Murabona, na bo nyene barizera Imana. Niuruvyaro rwa

Aburahamu na bo. Murabona ? Arikoaca avuga ko «yizera Imana, » ariko « akizera ko Muhamadi ariuwuvugishwa na Yo.» Ariko twebwe, twizera ko Yesu Kristo ar'Umwana wayo.Murabona ? rero aca aravuga, oh, ko -ko « yizera Imana. »

34 Nca mvuga nti «None rero, namba uzi Isezerano rya Kera kandi ukaba uzi icoImana yari iri mu bantu mu bihe vyarenganye, aho rero Yesu, Umwe twita 'Kristo',yategerezwa kuba Imana-Muvugishwa. We… baramwishe. Mwebwe mwibaza yukobatamwishe, kuko muvuga ngo yaciye yurira kw'ifarasi year aca arigira. Ivyonivyo mwigishwa n'abaherezi banyu, yuko, atigeze yicwa. Yuko ngo yatwawen'urupfu rusanzwe ahantu kanaka, haciye imyaka.'''

Narababwiye nti : «Ivyo ni vyo mwizera. Ariko uwo Yesu, nk'uko Isezerano risharivuga, yarapfuye arazuka, yongera arungika Mpwemu wiwe kw'Ishengero Ryiwe.»Aho ni ho ubafatira, murabona. Aho nyene ni ho wa Mwisiramu yafatiye BillyGranham, murabona. Ico nyene. Uko nyene.

Narongeye ndamubwira nti : « Ubu rero nimba… Muhamadi nta sezerano narimwe yigeze abasigira. Ariko Yesu yaradusigiye isezerano, yuko ibikorwa yakoranatwe tuzobikora. Muribuka ko Yavuze muri

Yohana 5 : 19 ati : 'Nta co nkoranigeneye ntabonye Data agikora.' » Nca mvuga nti, « Ubu rero, hamwe Yesuyoza maze akanyereka ingorane ufise iyo ari yo, igituma uri aha, akerekanakahise kawe n'ukuntu kazoza kawe kazoba kameze… uko kahise kawe kari kameze,nta nkeka ko woca wizera n'ingene kazoza kawe kazoba kameze.»

Yaranyishuyeati : «Ni ukuri.» Murabona, abicishije ku musobanuzi.

Reronca ndavuga nti : «Ni vyiza cane, nabikore.»

35 Ico gihe abo Bisiramu bose baca barahaguruka, maze batangura kwitegereza neza,murazi. Igihe Mpwemu Yera yavuga ati : «Ufise umugabo mugufi kandi w'ibiguvu;afise ubwanwa bwirabura. Haciye imisi itatu uvuye kubonana n'umuganga.‟ Avugaati, « Ufise abana babiri. Umuganga yarakugiriye isuzuma ry'abagore, acaakubarira yuko 'ufise ikivyimba mu gitereko.' »

Yaciyearaba hasi, yunamika umutwe, aca avuga ati : «Ni ivy'ukuri.»

Nanje nti : Namba warasomye Isezerano Risha, mbega ibi ntibimeze nk'igihe Yesuyariko avugana na wa mugore kw'iriba?»

«Ni ivy'ukuri.»

Ni ko guca mvuga nti : «none, kubera iki waje ugana jewe Umukristo? Kubera ikiutatumbereye umuvugishwa wanyu w'Umwisiramu»

Yaranyishuyeati : « Niyumvira ko mushobora kumfasha.»

Ndamubwira nti : « Sinshoboye kugufasha. Ariko namba wemeye uwo Yesu ari ngahamuri kano kanya, azi ubuzima bwawe kandi akuziko vyose, ni We aca agufasha.»

Yaciyeyishura ati : «Ndemeye Yesu ko ari Umukiza wanje.»

Ni co cari gikenewe. Cari ico. Abisiramu ibihumbi cumi baciye baza kuri Kristokuri uwo muhingamo. Murabona? Hafi imyaka mirongw'itatu abamisiyonari baribamazeyo, ibitabo bivuga ivy'Imana bari barakwiragije vyazanye kuri Kristoumuntu umwe gusa; ariko mu minota itanu abantu ibihumbi cumi bari bamazeguhindukirira Kristo bitewe n'Ubutumwa bwiza bwagaragajwe.

36 Imana ntiyigeze itubwira kwubaka amasengero, ntiyigeze itubwira gushingaamashure. N'ibintu vyiza. Ibitaro n'ibindi, Imana irazi ko tubikeneye ; arikoitegeko ryahawe ishengero ni iri : « Uvuge Ubutumwa bwiza ! » Ariko twebwetwishinga gutanga udutabo, gukwiragiza ivyanditswe na Asbury ca kigo ciza cahariya ki… Imana ihezagire barya bantu, rirya shure ritoya rya Metodiste ry'iWilmore, muri Kentucky, ni hamwe mu bibanza vyiza cane, vya mpwemu biri mw'isi,ndibaza, muri iki gihe. Ni abantu beza.

37 Nariko ndamanuka mva mu…ndibagiye…hari muri Rodeziya, ariko sinzi izina ry'icogisagara. Billy, urashoborakuhibuka? [Mwene DataBilly Paul avuze ati, "Salisbury." -Umw.] Salisbury,nivyo, New Salisbury. Ni we kwibuka kwanje. New Salisbury, muri Rodeziya. Rerotwariko turava muri Rodeziya nca mbona murekarengane y'Inyamerika, turikotururirira indege, umusore umwe n'abakobwa batatu. Nca mvuga nti, ntera nja iyobari, mvuga nti : «Mwaramutse ngaho.» Mvuga nti, ‟Nabonye ko mufise murekarengane zomuri Amerika."

Aca aranyishura ati : «Uravuga icongereza.»

Nca mvuga nti : «Ego,‟ Mvuga nti, " ndi -ndi Umunyamerika.»

Avugaati : «Aho rero, ni vyiza.»

Ncandababaza nti : «Muri mu rugendo?»

Acaavuga bati : oya, turi abamisiyonari.»

Ncandababwira nti : «Oh, ni vyiza cane! » Mvuga nti, « Vy'ukurindanezerejwe no guhura namwe. » Mvuga nti, « Muva he? Mw'ishengero irihe,muri kumwe n'idini, canke murigenga?»

Aca avuga ati : «Turi Abametodiste. Tuva i Wilmore,muri Kentucky.»

Nanje nti : «Eh, numva hegeranye n'iwacu, i muhira.»Mvuga nti…

Aca avuga ati: «Ubwo ntiwoba uri umwe mwene DataBranham hariya?» ,

Nca mvuga nti : «Egome, mushingantahe. Ni vyo.‟ Ivyo -ivyo vyaciye bimutuma amera nk'uwuguyemu mazi aho nyene. Murabona. Nta rindi yagomvye kurenzako. Mbo -mbonye ukuntuyaciye asa mu maso, ukuntu yaciye araba abo bakobwa bagenzi we, n'ingene baciyebarabana nk'uko. Nca mvuga nti : «Akanya gato, muhungu.» Yari akiri umukangara.Nca mvuga nti… abo bakobwa. Mvuga nti,

«Nagomba kuvugana namwe mwese kumategeko ngenderwako nk'Abakristo, abo twese turi, kandi twese turi hanoturwanira ikintu kimwe gihambaye. Nagomba ndababaze ibi, mwa bakobwa mwese ukomuri batatu, hamwe nawe musore, 'Murashobora, mw'Izina ry'Umwami Yesu… Muvuzeko haciye imyaka ibiri muri hano. 'Murashobora gutunga urutoke mwerekanaumushaha n'umwe mumaze kuzana ku Mwami?'" Ntibari gushobora kumumbwira. Ntan'umushaha n'umwe.

Nca mvuga nti : "Sinagomba kubababaza, nta nagato." Nca mvuga nti: "Ndashima ivyo muriko murakora, ariko mwebwe bakobwa,mwategerezwa kuba muri i muhira muriko murafasha abamama banyu kwoza ivyombo. Ni ivy'ukuri. Nta co murikomurakora ngaha. Ukwo ni ukuri."

38 Kandi nta muntu afise uburenganzira bwo kuja kuvugaUbutumwa, kiretse yarahawe Mpwemu Yera kandi ngo yigishe hagaragara Ubushobozi,kuko ari co conyene kizonyiganyiza abantu. Murabe iyo migumuko n'ivyo vyosebiriho ubu, ivyo vyose biterwa n'uko batabwiwe Ubutumwa bwiza nyakuri. Babuhawemu majambo gusa none raba ingaruka zavyo ! Iryo ni ibandanya rya -ry' «abacitsekw'icumu» bo mu gihe ca Luteri, vyatumye isi ironka icapiro ry'ibitabo, nivyo,canke ugushobora kuronka Bibiliya.

39 Rero, ikigihe, iki gihe gihambaye. Ubu rero, reka dutangure, ndibaza ko turi kuntuze…Iyo yari indamukanyo, umurongo w'indwi. Mu….

…Wandikire… umumarayika w'ishengero ry'i Filadelufiya,ut'Uwera, Uw'ukuri, ufise Urupfunguzo rwa Dawidi, uwugurura ntihagire uwugara,kand'uwugara ntihagire uwugurura;

Mbega amajambo! Si vyo? Nda ndahagaruka mu kanyagato, kuko ivyo -ivyo bihuza n'ivyo dusanga ubandanije imbere mu Vyanditswehano :

Ndazi ibikorwa vyawe, (ehe, nashize imbere yawe urugirwuguruye, nta wushobora kurwugara) yuk'ufise Ubushobozi buke, witondeye Ijamboryanje, ntiwihakanye izina ryanje.»

Ubu rero, murabe i -igihe gica kiza inyuma y'ahoabamisiyonari batanguriye gukwiragira mu mahanga yose mu buryo budasanzwe, iryoshaka ridasanzwe ry'urukundo rwa bene Data rwabatuma basangira ivyo baribafise. Nta co mfise kirwanya ibisomwa, bo n'ivyo barungitse vyose mu bice bitandukanyevy'isi. Ariko hanyuma, ishengero ry'idini ryaciye rigaruka ku bumenyi, kunyigisho, maze ryongera kugwa mu bikorwa. Murabona, ryarasubiye inyuma.

Inyuma y'aho idini rikomeye rishingiwe, Yesu yaciyeashiraho «Urugi rwuguruye». Igihe ca Wesley kimaze gutangura maze ishengerory'Abametodiste rigashingwa kw'isi, rigashinga imizi, rigakura, hakavamwoishengero rikomeye ririho uno musi, rimwe mu mashengero y'abaporoti akomakomeye,kandi ico gihe, ikintu caciye kiba, ni uko, Yesu yaciye ashiraho «umuryango wuguruye»kubw'ishengero imbere y'uko binjira mu gihe ca Lawodikiya.

40 Ivyo ndabivuze muri ubwo buryo kugira ngo mushoborekubona ico mba nshatse kuvuga iyo mvuze ukwinjiranamwo. Murabona ? Ni kuvamu gihe c'ubumisiyonari c'umuryango. Ariko, murabona, Yari -Yari yarababwiye ko afise Urupfunguzo rwa Dawidi,n'ibindi. Ariko ngaha, avuga ko yashize urugi rwuguruye imbere y'ishengero,inyuma y'ico gihe c'ugukwiragiza Ubutumwa bwiza, ca ba Whitefield, be -be n'abobandi, na ba Finney, Sankey, Moody kubandanya (Moody yabaye umwe wo mu ba nyuma.),no gushitsa uyu musi Yashize urugi rwuguruye imbere y'ishengero. Oh, ubu reroaha ni ho mukwiye kwiyubara. Ni neza naneza hagati ya Filadelufiya na Lawodikiya, ukwo kwinjiranamwo.

41 Yesu ni We Rembo! Ubu rero hamwe mwozingururanahamwe nanje Yohana 10 : 7. Reka tubishimangire, kugira ngo tumenye neza ko… Benshimuri mwebwe baja gushobora kwizera. Hanyuma umuntu kanaka yovuga ati, « Neza,si -sinigeze…Ni we yavyivugiye. » Nifuza kuhasoma. Yohana, igice ca 10, umurongo wa 17. Yohana10 :17. Neza cane, turasoma ano Majambo. Murantunga, ni Yohana 10 :7,si 17.

Nuko Yesu yongera kubabwira, ati n'Ukuri, n'Ukurindababwire : ni jewe rembo ry'intama.

Ni ukugaruka ku muhezagiro. Twinjira muri Kristogute? We ni iki? Irembo ry'Intama. Kenshi mpora nibaza kuri ico kintu. « Iki?yoshobora kuba Umuryango, kandi ariUmuntu? » Rero, hariya -hariya mu bihugu vyo mu buseruko ni ho nabiboneyeumusi umwe igihe nabona yuko umwungere, ku mugoroba, acurira intama zose murugo azicishije mw'irembo. Amaze kuzinjizayo zose, araziharura kugira ngo arabeko zose ari ho ziri. Hanyuma, agaca aryama mu rwinjiriro. Nta kintu na kimwegishobora kwinjira kuri izo ntama, canke ngo hagire n'intama n'imwe ishoboragusohoka, idaciye kuri we. Kubw'ivyo rero Yesu na We ni We Rembo, murabona,ryinjira mu ruhongore.

42 Nariko ndagendera mu modoka yo mu bwoko bwa jeepy'Abongereza, nca mbwira uwari amperekeje, mvuga nti: "Ivyo ni…"Abungere bacamu gisagara hagati, haca haravuzwa ifirimbi, bose baca barafata amafire, ncandibaza nti, "Habaye iki?" Yari umwungere ariko ararengana mu gisagara n'intamaziwe.

Rero, hariya mu Buseruko, ntibimeze nko ngaha.Batereka ibidandazwa vyabo hanze -hanze imbere

y'amazu mu bibanza vyo mw'isoko.Kandi haba hari amapome, amapware,n'ubwoko butandukanye bw'ivyamwa, inzabibu, birundanijwe neza cane, biteretseku tumeza nk'uku, ibarabara ryose. Kandi umudandaza wese aba ahagazehoagerageza kuguhamagara ngo winjire kugira ngo ugure bimwe bimwe mu vyamwa yanzen'ibindi.

43 Rero, uwo mwungere yariko azanana neza na neza mw'ibarabara rikuru. Nca ndavuganti : «Mwene Data, hagomba habe akajagari, ngira mpagarare maze ndabe.»

Mwene Data twari kumwe aca ambwira ati : «MweneData Branham, uraja gutangara!» Bose bari bahagaze. Umwungere yaribandaniriza,ata co yinona, kandi intama zose zikamukurikira mu mutekano ntangere. Zaramukurikira!Akebereje nk'uku agakata, buri… intama yaba iza inyuma yiwe ubwo nyene yaca ikevyanayo, iyindi igaca iyikurikira, gurtyo gurtyo; zose zigaca zikevya uko nyene.

Oh, uko nyene ni ko dukurikira Umwungere wacu! Niivy'ukuri! Ubwo busho bwaca hagati muri iryo barabara kugira ngo hagire icozironka zirirangije, kandi izo ntama zamukurikira nk'imbwa. Zari gushoborakwitegereza ivyo bintu vyiza vyiza vyari vyanzwe ku tumeza, ariko zakurikiraumwungere. Oh, ivyo ndabikunda! Naciye mvuga nti : «Oh, mwene Data, noshimyekuba nshoboye kuvuga ururimi rw'ino, ubwo nyene noca ntangura kuvuga Ubutumwa!»Ni uko! Nti -ntizakebaguzwa, ariko zigumira inyuma y'umwungere!

44 Ni na vyo Ishengero ry'ukuri ryakoze mu rugendorwaryo rwose, ryagumye inyuma y'Umwungere, Mpwemu Yera aturongora gushitsa muBugingo budashira; ntiryakebaguzwa ryitwaje ngo iri shengero ni ishengero ryizarinini, rirya na ryo ririmwo abadogiteri benshi n'abantu bahambaye nk'uko;ryagumye neza na neza inyuma y'Umwungere. Aho Umwungere aja hose, intamaziramukurikira, «Intama zanje zirazi Ijwi ryanje, kandi ntizokurikiraumunyamahanga.» Ni ivy'ukuri! We… Uwo mwungere aba azi ukuntu akoberezaakongera agatera akamo no gukora ibikenewe vyose kugira ngo intama zimenyeingene zigenda.

Hanyuma, dusohotse igisagara, hari ikintu nabonyegitangaje, nabonye u -umurima, kandi mur'uwo murima, harimwo abantu bamwe ngaho; bari baragiye indogoba,inka, ingurube, intama, impene, n'ibindi. Narabajijenti :

«Barya bantu ni bande?»

Aca aranyishura ati : «Niabungere.»

Nca mvuga nti : «Abungerebaragira indogoba?»

Avuga ati : «Ego,mushingantahe.»

Nca mvuga nti : «Ariko na-nari nzi ko abungere baragira intama gusa.»

Aca anyishura ati : «Oya. Umwungere ni 'uwuragiraamasho.' Kandi hariya mu gihugu c'i wanyu babita aba 'Cowboys,' canke -canke ikintu nk'ico.»

Nca mvuga nti : «Oh, ndabibona, umwungere ni uwuragiraamasho.»

«Egome.»

«Aragira amasho.»

" Ni vyo." Avuga ati « Ikintu gitangaje niiyo hageze ku mugoroba, aho mu… biratangaje cane. Wewe kuko uri umuvugabutumwa,hari ico nshobora kukubwira." Avuga ati, « Iyo hageze igihe c'ijoro… Niivy'ukuri ko abo bungere bitwararika kimwe kimwe muri vyo, bakabirongora kandibakitwararika ko zironka imfungurwkandi bakabifasha no kuraba yuko vyaronseibintu vyiza ku murango. Ariko iyo bwije… i -inyumbu zose, n'indogoba, n'i -ingamiya,n'ibindi vyosebafise, baca babisiga mu gahinga. Yamara barakoranya intamababakazegeraniriza mu ruhongore.»

45 « Oh, »Nca mvuga nti : «Mwami, nungire intama, ivyo ukora vyose !»Murabona ? Kuko ni bwagoroba, ngomba kuzoca ninjira mu ruhongore. Nkinjiranciye mw'Irembo, nkaza nciye mw'Irembo. Yohana 10:7 hano, canke -canke Yavuzeati, «Ni Jewe… » 10 :7, nako,Yavuze ati : « Ni Jewe Rembo ry'intama. Abanyitangiye imbere bosebar'ibisuma n'abambuzi; arikw'intama ntizabumviye. Ni jewe rembo, kand'ushikamu rugo wese aciye muri jewe arakizwa; agataha, agaturuka, akaronka icanya.»

«Ubu rero, nashize imbere y'iryo shengero, hagatiy'igihe ca Filadelufiya n'igihe ca Lawodikiya, urugi rwuguruye.» Oh, ubu reromurabitahuye? Kandi mbega mwagumishije neza ivyiyumviro vyanyu? Ubu reronimwumvirize, ibi ni ibintu vyiza. Ndabibabwiye, ni ubuki buri muri ca Gitandara,ico dukora gusa ni ugucukura ubutare no kubukurako inkamba. «Ni jewe Rembo ry'uruhongorerw'intama!» Urwo rugi rwashizweho none ni uruhe?

46 Dusubize inyuma ivyiyumviro. Harabayeho igihe cizacane c'abamisiyonari b'Abametodiste cakwiragiye mw'isi yose biciye mu butumwabw'Ukwezwa. Luteri yaje azanye ugutsindanishirizwa. Wesley yaje azanye

Ubutumwabw'Ukwezwa. Maze igihe c'Abametodiste kigiye kurangira, ku mpera, ico gihecarashinze imizi maze gitangura kuba idini rikomeye. Kandi iyo ishengero iryoariryo ryose…

Ubu rero, mwumvirize ibi ni ibintu bikomeye. Nifuza ko hagira umuntu agerageza kunyereka ahantu na hamwe afatiye kuvyo yegeranije abikuye mu nkuru za kahise. Ishengero na rimwe Imanayahagurukije, ryakurikiye inzira ya Pentekote ritagize idini ; ariko rikimarakuba idini, ryaba ripfuye kandi ntiryongera guhaguruka. Oh, igitigiric'abarigize cagenda congerekana, ariko ntihongeye kubaho ikanguro. Ikanguro ryaLuteri ntiryigeze ryongera kugaruka, n'ikanguro ry'Abametodiste ntiryongeyekuvyuka ; n'ikanguro rya Pentekoti na ryo nyene ntirizokwigera ryongerakugaruka. Oya, mushingantahe. Bararigize idini, ico Imana yari yaravuze, mubihe vy'Ishengero, ko «ivyo ivyanka», inyigisho y'Abanikolayiti.

47 Mwibuke neza ko mu vyo tuvuga ata muntu n'umwetugomba kurwanya ! Abantu beza bakwiragiye hose. Mu mpande zose, hariyo intamaz'Imana. Ni ivy'ukuri ! Abametodiste, Ababatiste, ukwo bari kwose, ni abantub'Imana, namba baravyawe ubwa kabiri na Mpwemu w'Imana. Ni abantu b'Imana,ariko amadini yarababoshe. Kandi amakarata aranga ko ari Abametodistebayashiriye Ababatiste, hanyuma bayajana ku Bakambeliste n'ibindi, gushika aho atabagurikarwose.

48 Ni uko, nk'uko Umwami abivuga, hano ku mpera y'ikigihe ati «Ni jewe Rembo ry'intama.» Yamara, ku bijanye na Yesu, ni uruhe rugirwuguruwe neza na neza hagati y'ibi bihe bibiri ? Mu 1906, hafi hamwe igihe c'Abametodiste, na -na -na baDwight Moody n'abandi bava ku rubuga, haciye hatangura kwinjira abantu bahabwaMpwemu Year, bakavuga mu ndimi, kandi baca babona ivyo bintu bigarutsemw'ishengero. Ivyo vyabaye nko mu 1906, muri iyo micungararo.

Neza, ariko vyagenze gute nyuma y'ivyo ? Ivyobigitangura, kera na kera murazi, baja bamaze gushiraho ya Nama Nkuruyabandanije, ari na yo uno musi bita Amakoraniro y'Imana. Murabona, bivuye muri iryo shengero ryariryinjiranyemwo n'iryakurikira. None haciye haba iki ? Yashizeho "urugi rwuguruye."

49 Ubu rero reka tubisome, maze dufate ijambo kurindi, nk'uko Agira abitubwire. Murabona, "Ehe…" Reka turabe:

….ata wushobora kurwugara,…

… nashizeimbere yawe urugi rwuguruye…

Biri kurundi ruhande:

Ndazi ibikorwa vyawe. Ehe, nashize imbere yawe urugirwuguruye urwo ata wushobora kurwugara…

«Urugirwuguruye.» Ivyo vyari ibiki? Yari impishuro y'Ubumana Kibirengeye bwa YesuKristo: ko atari umuperesona agira kabiri wo mu butatu, ariko ko ari Imanaubwayo yambaye umubiri maze ibana na twe. Kandi impishuro…

Rero,murabona, mu kanya gato, reka twongere dusome gato twegere imbere:

…Nta wushobora kurwugara, yuk'ufiseubushobozi buke, witondeye Ijambo ryanje, ntiwihakanye izina ryanje.

Ni ho hakivugwa Izina uhereye kuri kirya gihe caricarataye Izina Ryiwe. Igihe ca Luteri caje gifise izina ko ari kizima arikocari carapfuye (si vyo?), «Data, Mwana na Mpwemu Yera.» Hano hongera kugarukaIzina rya Yesu, hagati y'ibi bihe bibiri. Hagati y'ivyo bibiri, hariho «Urugirwuguruye.» Ni Uguhishurwa kw'ico Yar'ari, Ubumana, Uguhishurwa kw'Ubumana bwiwe.

50 Ni vyo yari yarahishuye mu gihe ca mberec'ishengero. Ubu rero, mwumvirize ibi. Igihe Yohana yamubona hagati y'ibiterekwakoamatera ndwi vy'izahabu, yari ahagaze agaranzuye amaboko. Ng'iri igiterekwakoitara ca mbere, ica kabiri, ica gatatu, ica kane, ica gatanu, ica gatandatun'ic'indwi, kandi Amaboko yiwe agaranzuwe mw'ishusho y'umusaraba. Yaravuze ati: «Ni Jewe Alufa na Omega.» Mu yindi mvugo : «Nari Isumba vyose mu ntango,kandi Nzoba ndi Isumba vyose kw'iherezo.» Umuco urasira mu buseruko hanyumaukarengera mu burengero. Harabayeho igihe kibi cane kandi c'umwiza, ariko «hageze ku kagoroba hazoba Umuco.» Ubwo bushobozi bw'Ubutumwa bwizabwahagurukiye i burasirazuba, ni bwo nyene bwongeye kwakira i burengero : «NiJewe Alufa na Omega, A na Z.»Mu kiganza ciwe! Murabitahura?

51 None akora iki mu gice ca mbere c'IvyahishuriweYohana? Ahishurira Ishengero rya mbere, ari ryo rya Efeso. ko ari We Mana irihejuru ya vyose. Si vyo? Ubu rero, mwitegereze ibi. Gushika ngaha, Ishengerorimwe rimwe ryose yarihishurira Ubumana bwiwe ari mw'ishusho yiwe y'ubwizagusa, ariko hano mu canyuma, yabaye Z, agaruka kumera nk'uko yari ari kuntango. Murabona, ni «Uwa mbere n'uwa nyuma.» Igihe ca mbere, ubu naho abivuzemu gihe ca nyuma, kuko avuga ati : «Nd'uwa mbere n'uwa nyuma.» Kandi…

Ariko mwovuga muti : «Ivyo vyashitse gute?» Ni ndeyigeze avuga ikintu nk'ico? » Yari impishuro !

Benshi muri mwebwehano mwarayihawe, kuko intuze yiwe…Ubu rero ngira mvuge ikintu kimwe. Nimwihweze! Ishengero ryiwe ryose ryubakiye ku guhishurirwa kuva ku Mana kw'ico ari.Mbega si ivy'ukuri ? Namba mutavyizera, musome muri Matayo 16 : 18, maze mucemubona ko uguhishurirwa kwose gushingiye kuri We nyene. Ishengero ryiwe ryoseryubatse ku guhishurirwa kw'ico We ari. Ubu rero, dutangurire hano ku… rekaduhere...reka, ku murongo hafi wa 14 :

Hanyuma baravuga bati, Bamwe bavuga…ngo uri Yohana Umubatizi…

I -ikibazo cari, Yesu yabajije ati :

….Ku nkengera y'i Kayisariya h'i Filipi, abazaabigishwa biwe, ati, Abantu bagira ng'Umwana w'Umuntu ndi nde ?

Umurongowa 13, aho rero ni 16 :13

Baramwishura bati….

52 Ubu rero raba neza ibi, aha ni ho hambere Yesu abibwira Ishengero ;hanyuma irya… mu Vyahishuriwe Yohana ni ho ha nyuma.

Barishuyebati : «Bamwe bagira ng'uri YohanaUmubatizi, abandi ng'uri Eliya, abandi ng'uri Yeremiya, abandi nabo…na -na… canke umwe mu bavugishwa n'Imana.

Arababaza at'Ariko mweho (Abaza bose, umugwi wose), mugira ngo ndi nde ?

Simoni Petero aramwishura at'Uri Kristo, Umwanaw'Imana nzima. (Oh, bagenzi!)

Yesu aramwishura, at'Ur'Umuhirwe, Simoni -Simoni mwene Yona… kukw'ata w'inyama n'amarasoyabiguhishuriye, ariko ni Data wo mw'ijuru.»

Oh, bagenzi! «Ivyo, ntiwavyize mw'iseminari! Ntabundi buryo bwariho bwo kubihabwa, yewe Simoni, mwene Yona; uburyo bumwe gusawabironsemwo bwababaye ubwo guhishurirwa kw'uburyo bw'impwemu kuva mw'Ijuru, nikwo kwakweretse ko ndi We.» Yesu yavuze ati : « Ni mutizera ko ndi We,muzopfira mu vyaha vyanyu. Ndi We!»

…Nanje…ndakubwira yuk'uri Petero,… kandi kur'urwo rutare, nzorwubakakw'ishengeroryanje; kand'amarembo y'i kuzimu ntazorishobora.

Ivyo ni ibiki ? Ni ivy'impwemu! Ivvy'impwemu ! Ukuri kw'uburyo bw'impwemu !Ijambo ry'Umwami !

53 Turabona rero ko muri ukwo guhishurirwa gukomeye Imana yahaye ishengero muriiyi misi y'iherezo, Yihishuye yerekana ko ari « Urugi rwuguruye » hagatiy'ibihe bibiri. Ntihari mu gihe ca -ca Lawodikiya canke muri iki kindi (igiheca Filadelufiya), ariko hari hagati y'ivyo bibiri (ukwinjiranamwo) kuko i…Ndaja kubibereka twigiye imbere kugira ngo mutahure. Turaja kuvyerekanabihagije kugira ngo tumenye tudakekeranya ko mwabitahuye, namba koko mushakakubitahura, murabona. Neza cane.

Rero, Ishengero ryiwe yaryubatse ku guhishurwa kw'ico ari. Ni bangahe bazi koivyo ari ivy'ukuri ? Ishengero ryiwe yaryubatse ku guhishurirwa kw'ico ari. Niuko !

54 Ariko none, avuga ngw'iki ? «Nta wushobora kurwugara!»

Ndaziibikorwa vyawe. Ehe, nashize imbere yawe urugi rwuguruye…

« Urugi rwuguruye » ni iki ? Ni uguhishurirwa yuko Yesu Kristo ari We Mana irihejuru ya vyose ! Kera yabwiye iki Ishengero ryiwe ryo muri ico gihe ? « Ndi Iyamyeho ; Iyiriho kandi Igira Ize ! NdiUwa mbere kandi ndi Uw'iherezo. Ndi Ishobora vyose. » Yabivuze incuro zitatu ;aho yiyereka iri shengero ko ari Imana, imbere yo kwinjira mu gihe ca nyumac'ishengero, avuga ati : « Nashize imbere yawe urugi rwuguruye. » Namba mugombakubona Uguhishurirwa, ng'uku : Ukwo ni kwo azokwubakako Ishengero ryiwe. Kandiuburyo bumwe buhari bwo kugira ngo atware Ishengero ryiwe, ni uko ribaryagarutse ku guhishurirwa uwo ari We. Ni ukuri !

55 Nimwitegereze! Igihe Aburahamu yatanga isezerano, canke igihe Imanayagiriranira isezerano na Aburahamu, we yaciye, avuga ati : «Ivyo bintubizoshika gute ; ko mbona nshaje ? Uwuzotorana urugo rwanje wenyene mfise ni -ni umunyarugo wanje Eliyezeri w'i Damasiko. Avugaati: "Ndashaje kandi waransezeraniye umwana. Uzobigenza gute? Ivyo bizogendagute ?"

Muribuka ko itiro rinini ryamuhwikiye nk'uko rihwikira umuntu wese ; urupfu. Hanyumayabonye imbere yiwe i -itanure ryaka umuriro; umunyavyaha wese akwiriye kuja mumuriro. Yari yishe igikoko (ishashi y'inka), impene, n'impfizi y'intama,intunguru n'inuma. Ntiyahimbaguye intunguru n'inuma. Ni ho rero wa Muco werawegereza ngaho, uca unyuragira hagati muri ivyo bikoko bihimbaguye, wemezaisezerano yagiranye na Aburahamu.

56 Mu Buyapani, nimba hoba hariho Umuyapani, hano, mwoba muzi ingene bahanaamasezerano mu Buyapani ? Baterana umunyu. Bafata agasahani gatoya bashirakoumunyu, bakicara hanyuma bakabazanya bati : «Uzokora ibi n'ibi?» - « Ego,nzokora ibi n'ibi. » Baca bahana isezerano. Ni ho rero baca bafata umunyu,hanyuma bakawuterana, kuko umunyu bawukoresha mu kubika ibintu, murabona. Neza.Baterana umunyu, iryo niryo isezerano.

Muri Amerika, dupfundika amasezerano gute, tuvuga duti : « Uzokora iki n'iki?"«Ego nzogikora!» Ubwo nyene, baca bahana ukuboko, bati : «Turumvikanye!» Iryoni isezerano.

57 Ariko mu bihugu vy'i Burasirazuba, mu kugira isezerano, barandikiranira.Bandika amasezerano, nayo mu gihe ca Aburahamu, barica igikoko. Baca bahimburaico gikoko hanyuma bagahagarara hagati y'ibihimba; amasezerano yarandikwa, urworupapuro bagaca barutabura nk'uku. Umwe yafata igihimba kimwe, uwundi agafataikindi! Hanyuma baca bagira indahiro ivuga yuko baramutse baciye kubiri n'ayomasezerano, "imibiri yabo izoca imera nk'ico gikoko cishwe." Kandi uburyo bumwebwonyene bwo gutuma ayo masezerano ashobora kuba… Ico candiko ntibashoborakugisubiramwo. Vyasaba ko ivyo bice vyompi vy'urupapuro, igihe babihuje, bihuraneza.

58 Imana yariko yereka Aburahamu ko Yagomba gukora iki? Yuko izofata Uruvyaro rwaAburahamu, rwaciye muri Isaka kubandanya gushika kuri Yesu, maze ikamumanika iKaruvariyo igaheza ngaho ikamutantamuramwo kubiri. Yaramutantamuye imukuramwoMpwemu, imukura mu Mubiri wiwe, hanyuma izura Umubiri iwicarika i buryobw'Icubahiro cayo ahantu ho mw'ijuru, maze ica irungika Mpwemu Yeramw'Ishengero. Ni isezerano ry'Imana, yarawutantamuye : twakira Mpwemu, ikakiraumubiri. Maze nihagera igihe c'ukubihuza, Mpwemu yari muri twebwe Umugeni azocaamatana na We. Amen. Nta dini na rimwe rishobora kwinjira muri ivyo na gato. Oyamushingantahe. Ni ukuvyarwa na Mpwemu Yera kutagabanije, kutavanze. Nta bindi.Iryo ni ryo sezerano.

59 Rero, twabonye ko yavuze ati : «Nashize imbere yawe urugi rwuguruye» Kandi sinitayehoigitigiri c'amashirahamwe yakozwe n'amaboko y'abantu canke amadini, uko cobakingana kwose, n'amarembo y'i kuzimuntashobora kurwugara. Uburyo bumwe bwonyene bwo kunesha ivyo, ni ukwiyunga na vyo.Nta bindi. Ntushoibora kwiyunga navyo, kubw'ivyo bigusaba kuvukira muri vyo. NiUkuri. Kubw'ivyo rero nta muntu ashobora guhagarika ubwo Butumwa bw'uko YesuKristo ari We Mana iri hejuru ya vyose, n'Umubatizo mw'Izina rya Yesu Kristo.Amarembo y'i kuzimu ntazobinesha.

Mwombwira muti : «Uzi gute ko ivyo ari ukuri?» Birahuye n'Ijambo, kandi ntamuntu n'umwe ashobora kugira ico avuga kibihinyuza. Ni ukuri! Ni Ijambo. Ntahantu na hamwe tubona mu Vyanditswe umuntu yoba yarabatijwe mw'izina rya «Data,Mwana na Mpwemu Yera.»

60 Paulo wa muntu ahambaye, umumarayika wa Efeso, yategetse abatari barabatijwebose, uko woba warabatijwe kwose, namba utabatijwe mw'Izina rya Yesu Kristo,yabategetse kuza kwongera kubatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo. Yavuze ati : «nahoyoba ari twebwe, cank'umumalayika avuye mw'ijuru ababarira Ubutumwa bunyuranyen'ubwo twababariye, arakavumwa.»

Gurtyo rero, murashobora kubona Ubutumwa uyu mumarayika w'imisi ya nyuma azobaafise ingene buzoba bumeze, igihe azozira. Kumbure ko turiko turamwegereza.Ariko ico jewe ndababwiye, ni uko ni yaza, azigisha Umubatizo mw'Izina rya YesuKristo. Namba mutavyizera, muzoze ejo ku mugoroba, maze ndabibereke nkoreshejeIvyanditswe. Nta nkeka azobikora! Co kimwe mbere n'ugukebwa kw'umutima,ibitangaza vy'Imana n'ibikorwa bikomeye, nka kurya nyene vyagenze ku musi waPentekoti Wa muhezagiro nyene wa Pentekoti y'inkomoko uzogaruka kuri ayomasigarira, amasigarira make, kugira ngo uyashikane hakurya. Ico gihec'isezerano kizohura neza na neza na ca gice cataburwa mu ntango.

61 Oh, ndamukunda!Ndanezerewe cane, cane rwose. Si -sinoronka ingene nobivuga. Ndanezerejwe caneno kuba nshobora kuvuga ko ndi umwe muri bo. Ndanezerewe cane!

Nagomba ko bene Data bose baba nk'uko. Nagombako bene Data na bashiki banje, abagenzi banje bose bakundwa bo mw'isi yoseboronka iki kintu ciza cane. Nabigomba, kuri uyu mugoroba, Imana irabizi!Ndafise agahungu, Yosefu, kagikeneye kurerwa; ndafise umukobwa mutoya, Sara;ndafise Rebeka; ndafise kandi umugore wanje mukundwa, abo ntoshimye gusiga,ariko iyo mba nari nzi ko bene Data, abantu nzi mw'isi yose, boshoborakuvyemera, bakavyizera maze bakuzura Mpwemu Yera, hoba hageze ko nitahira. Niukuri. Murabona? Oh, iyaba noshoboye gusa…kandi ntimushobora… Iyo mba gusanoshobora… iyo mubabwiranye ubugwaneza, biyumvira ko muriko murabaryosharyosha.Kandi -kandi hariho ikintu kimwe mukwiye gukora, ni ukwumira kw'Ijambo mukarishimangira.Kandi uko ni ukuri, nimugumane na ryo. Oh, ese ingene ndamukunda!

62 Ukumuhishurirwa We nyene ubwiwe, ko ari We Mana iri hejuru ya vyose. Mbega, ntiyabihishuye? Sinshobora kuvirira kubivirira, mu buryo kanaka. Yarabihishuye mw'ishengero rya Efeso. Sivyo? Kandi ivyo vyabaye igihe Umuco waka ubwa mbere, Umuco w'Ubukristo. Si vyo?Igihe ca Mpwemu Yera catanguriye ahanyene i Efeso.

Kandi uwuvugishwa n'Imana yavuze ati : «Arik'uzoba umusi umwe rudende, uzwin'Uhoraho, atar'umurango ntube n'ijoro, ariko hageze ku kagoroba hazoba Umuco.»Murabibona? Uwo musi w'ibitutwa warabandanije gushika ngaha, harabayeho ivyobitutwa (amadini n'ibindi); ariko mu misi ya nyuma hano, hano nyene Azoshirahourwo rugi rwuguruye. Yesu yavuze ati : «Ni jewe iryo Rembo».

63 Ntimuramwumva avuga ati : «Ni Jewe rembo. Ni Jewe Nzira, Ukuri, n'Umuco ?»Murabona ? Ntimuramwumva avuga ati : « irembo rirapfunganye, n'inzirairaga ? Mwarabonye ingenebandika : « ripfunganye » ?

[Mu Congereza : « Strait » -Umus.] S-t-r-a-i—t, amazi. Strait risigura "amazi,"iyo ryanditswe uko. (S-t-r-a-i-g-h-t, murabona.) Strait, "Amazi niyo nzira. Kandi ayo mazi niryo rembo,kandi inzira iraga." Amazi ni iki ? Ni irembo,umuryango. Murabona, kwugurura. « Mw'Izina ry'Umwami Yesu ni yo nzira, biciyemu mazi. Irembo rirapfunganye, inzira iraga, iyo… » Yesu… « Amazi niryo rembo,mw'Izina ry'Umwami Yesu, kwinjira. »

« Nimwihane, kandi mubatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo kubwo guharirwaivyaha vyanyu kandi muzohabwa ingabire ya Mpwemu Yera, nimwaraba i Kaluvariyo.Kuko isezerano ari iryanyu kandi ari iry'abana banyu » (bamwe-bamwe muribo bavuga ngo : « Vyari ivy'intumwa gusa. »), « iryanyun'iry'abana banyu, n'abari kure bose, abazohamagarwa bose n'Umwami Imana yacu.» Nta -nta bindi. « Abazohamagarwa bosen'Umwami Imana yacu. » Isezerano n'iryanyu mwese, namba mukurikira inzirank'uko vyategetswe. Ni ivyo.

64 Ntimuvuge muti : « Nzokwinyegeteza nciye ngaha. »

Igihe kimwe, harabayeho umuntu yinyegeteje maze yinjira aciye mu yindi nzira.Mwari mubizi ? Mwarasomye uwo mugani ? Umuntu umwe yarinyegeteje maze yinjiraaciye mu yindi nzira. Mu burasirazuba, iyo bagiye mu mazimano y'Ubukwe… Arikotuzobivugako ejo mu gitondo, tuzerekana ingene uwo muntu yinyegeteje mu nzuy'Ubukwe. Ivyo tuzogerageza kuvyinjiramwo ejo mu gatondo. Nagira ndabivugekoubu nyene, ariko reka tube turavyihojeje. Ejo mu gitondo, tuzokwerekana ingeneuwo muntu yinjiye mu nzu kugira ngo asangire n'abandi amazimano y'Ubukwe…cankekubw'Umusi mukuru w'ubukwe.

Ni uko. « Irembo rirapfunganye kandi n'inzira iraga. » Amazi ni irembo, urwinjiriro rushikana ku Mwami Imana.

65 «Nashizeho urugi rwuguruye. Mfise impfunguzo. NiJewe jenyene nshobora kurwugurura, ni Jewe jenyene nshobora kuruhishura. Mfiseimpfunguzo.» Si ivy'ukuri? «Nta muntun'umwe ashobora kuza kuri Jewe, Data atamukwegereye, kandi ico Data ampa cosekiranshikira.» Nta muntu yoshobora gukizwa bidaciye kuri Yesu Kristo. Ataribiciye mw'ishengero na rimwe, idini na rimwe, musenyeri n'umwe, papa, arikobica muri Yesu Kristo. Afise impfunguzo, ni We wenyene ashoboye.... Impfunguzoz'iki? Za Dawidi, za ya Nganji y'imyaka igihumbi igiye kuza, igihe azokwicaraku ntebe ya Dawidi. «Mfise impfunguzo za Dawidi; nzokwugurura urwo rugi, kandinta muntu n'umwe azoshobora kurwugurura, kiretse Jewe, kandi nta muntu n'umweashobora kurwugara imbere yanje.»

66 Bishoboka gute? Umuntu yoshobora gute kumenya koYesu ari We Kristo ataramwihishurira? Arihishura, afise impfunguzo. AfiseUbushobozi bwo kurwugurura canke kurugumiza rwugaye. Murabibona? «Mfiseimpfunguzo z'urugi. Ni Jewe Rembo. Ni Jewe nzira. Ni Jewe Ukuri. Ni Jewe Muco.»«Oh!» Ndi Alufa, Ndi Omega. Nd'Uwa mbere n'Uwanyuma. Ni Jewe Data. Ni Jewe Mwana.Ni Jewe Mpwemu Yera. NDIHO! Atari 'Nariho' canke 'Nzobaho', NDI UWO NDI WE, bi-bivuga vyose. NDIHO, atari 'Nariho' canke 'Nzobaho' Ndiho, bisigura ngo 'Ukubaho kuzima kubw'Ibihe Bidashira'Murabona, NDIHO! Namyeho, Nzokwamaho, ubu ndiho nk'uko namyeho kandinzohoraho." Murabona, ni -ni NDIHO gusa.

67 Afise impfunguzo za Dawidi, impfunguruzo z'Ubwami,«Nta muntu n'umwe ashobora kwugara.»Umurongo wa 7 werekana ko afise impfunguzo za Dawidi, kandi ko ata muntu n'umweashobora kwugara!"

Ubu rero turabe umurongo ukurikira, vuba na vuba:

…Yuk'ufise ubushobozi buke…

Oh! Uyu mugwi mutoya uri ngaha awubwiye ati : «Ubuufise ubushobozi buke gusa.» Ivyo bisigura iki? Ni nk'umuntu yapfuye mazeakinyiganyiza buhoro buhoro ariko asubira kuba muzima, akazuka buhoro buhoromaze agasubira kuba muzima. Wavuye muri izo za nemera zishaje zipfuye,uratanguye gusubira kuba muzima buhoro buhoro, kwinyiganyiza no kwikangura. »Ufise ubushobozi buke, ariko nashize urugi rwuguruye imbere yawe. » Bakimarakuva mw'idini rya -ry'Abaluteri, mu vy'igipapa no muri utwo «tugwi tugwi»twose, na -n'ivy'Ikimetodiste n'ibindi vyose, yababariye ati: «Nashize urugirwuguruye imbere yawe; ariko ufise Ubushobozi buke, none uzogira gute? Rushizweimbere yawe : Ushobora kwinjira canke ugasohoka uko ugomba. Urugi rushizweimbere yawe. Ufise Ubushobozi buke, uriko urahembuka, ni ho ucinjira.»

68 Uko ni ko vyari bimeze mw'ishengero rya mbere.Raba ko ku mpera y'igihe ca Lawodikiya, bagarutse ku bikorwa. Nimurabe ngaha, kubwo-kubwo kwerekana ko iri shengero ririhagati y'aya abiri. Mwinjiye, mu gihe c'ishengero rya Lawodikiya, havugwa ngo :«Ndazi ibikorwa vyawe», neza na neza ku mpera y'igihe ca Lawodikiya. Vyariibiki? Ibikorwa vyawe, kandi aho niho hari umurwa wa Satani. Umurwa wa Satani cari igiki? Murabona, bari bagarutseneza na neza mw'idini.

Mwebwe, Makoraniro y'Imana, Abapentekote bunzeUbumwe n'Ishengero ry'Imana! Oh, ntimubona ga bene Data, ivyo mwakoze?Mwasubiye neza na neza ku vyo Imana yanka mukuraho urukundo rwa bene Data.Nimwitegereze Amakoraniro y'Imana! Mu makoraniro y'Imana ni ho dusanga abantubeza babaho kw'isi. Mwitegereze iryo shengero rya Pentekote ryunze Ubumwe,muzosangayo abantu beza nk'abandi bose mumaze kubona mu buzima bwanyu.Nimwitegereze Ishengero ry'Imana! Ariko kubera ayo madini, bararwana,bararyana, barahazana maze amadini ya bamwe abandi bakayita «ivyarivy'ibinyamwanira» n'«imyobo y'imbeba». Mbega ukuntu biteye isoni!

Hariho ikintu Imana yanka, ni "ukubiba umwaryanahagati y'abavukana! Kandi ni ivy'ukuri! Ariko ni vyo ayo madini akora, abiba ukutumvikanamu bavukana. Twategerezwa guhagarara mu canzo maze tukavuga duti : «Tweseturavukana!»

Ntiduciyemwo ibice,

Turi umwe mu cizigiro no muNyigisho (Inyigisho ya Bibiliya.)

Dufatanirijwemu rukundo rw'Imana.

Ndakunda aka karirimbo ka kera, Ingo Mwa Bahizi Mwe. Ego, mushingantahe.

69 Ku mpera ya Lawodikiya, baragarutse ku bikorwa.Abapentekote,amadini y'Igipentekoti yasubiye mw'idini. Reka dufate umurongo wa15. Hano nanditse: «Ivyahishuriwe Yohana 3, umurongo wa 15.» Maze turabe koivyo ari ukuri. Ivyahishuwe 3 na -na,canke, reka ndabe ko navyanditse neza. Ivyahishuwe…Oh, oya, oya, ni -nihenze,umurongo wa 15. Ni umurongo wa 15 w'iki gice nyene, werekana ko hano ari cokimwe. Ego, uh-huh:

…Ndazi ibikorwavyawe yuko udakonje kandi ntubire…

«Ndaziibikorwa vyawe.» Ivyo bitwereka ko bagarutse ku bintu vyabo vyo mu ntango.Bagarukanye inkomezi zabo bwite, maze bahindukirira amadini ya Pentekoti. Umurongowa 15 w'ico -ico gice nyene. Ni uko.

70 Hagati y'ivyo bihe bibiri, bafise inkomezi nke,hagati y'ivyo bihe bibiri vy'inyigisho z'idini ry'Abanikolayiti. Inyuma y'ahoAbaluteri bamariye kuja hamwe, basubiye mu vy'Abanikolayiti, habayehoabasenyeri bakuru, n'abandi. Haca haza Wesley; hanyuma baca bashiraho musenyerimukuru w'i Canterbury hamwe n'abo bakuru bose bahambaye, hose mu mashengeron'ibindi muri -muri ico gihe. Hanyuma hano, mu Gipentekoti, baciye basubiraneza na neza muri ivyo bintu nyene, mu madini yabo akomeye, mu nyigishoy'Abanikolayiti. Ariko hagati y'ibi bihe bibiri, yaruguruye urugi maze arahaishengero inkomezi nke kugira ngo ryongere kubaho uko bikwiriye, gushikarishoboye kunyiganza umutwe, rikaraba hariya hanze, rikabona aho ryari riri,rigahabwa impishuro. Rihindukire, ribone ico arico cose (ryaratawe hasi,murazi), ikintu ca mbere murazi, rica ritangura kuzungagiza umutwe kandi rikeraguzairya n'ino ryongera rizungagiza umutwe.

71 Ivyo hari ico nabiroseko ejo mw'ijoro. Urazi gaCharlie, nagira ngo narashe umuhare; nari nawukoroye kw'ishami. Niho nacandahabona umutamakazi umwe. Oh, yari yanshavuriye cane, kandi yagomba kuzakumfata. Uwo muhare wari ufise akagozi kera mw'izosi. Wari urambaraye aho,hanyuma uca uzungagiza umutwe kabiri canke gatatu, uranyitegereza, ucauyakoramwo uhungira mw'ishamba wiruka cane.

Murazi, uwo mukecuru ashobora kuba yagereranyaishengero. Si vyo? Yaragerageje kumponyora, ariko narashoboye kumucika mu buryokanaka. Hanyuma…Ariko, oh, hari umuco muke cane, ariko wari ukwiriye kugira ngoumuntu abashe kumenya ku -ku … Ndazi ko nariko ngenda njana ibarabara ryosekandi yari yiteguriye kuntangira, ariko nca mpindukiza bukwi na bukwi ya modokayanje yo mu bwoko bwa Ford; hariho ikamyo inyuma, nca ndakata rwose, nca nerekezamu rundi ruhande, kugira ngo nirinde ko amfata. ntiyabonye n'aho naciye. Ncandamucika ku ka nyuma.

72 «Ufise inkomezi nke, ni co gituma utegerezwagukoresha izo nkomezi kugira utere ibitugu ayo madini abiri.» Mwabonye aka ngo: «Witondeye Ijambo ryanje!» Turabe umurongo ukurikira :

«…yuk'ufise Ubushobozi buke, kandi witondeye Ijamboryanje.»

«Witondeye Ijambo ryanje» : uko ni ko baronse inkomezi. Uko ni ko baronseUguhishurirwa. Ni bo bumiye kuri Bibiliya, igihe Luteri yayandika, kandiyarabandanije no mu gihe ca Wesley n'ibindi, barayifashe maze bumira kw'Ijambo;barabonye ukwihishura kwa Yesu Kristo nk'Imana yambaye umubiri hagati

yacu,n'umubatizo w'amazi mw'Izina rya Yesu, ni ko baciye bavyinjiramwo cane. Ni uko.Ni ho rero ba -baca baronka Izina ryiwe. Murabona ? Ko mbona biragaragaraneza nka…bigaragara neza kurusha uwuba ariko arasoma ikinyamakuru.Murabona ? Neza… Kandi ntimushobora kubihakana, kuko biri hano nyene. Birerekanwahano nyene muri Bibiliya, kandi ng'ibi aha nyene, natwe turafise…ni Kahise. Ahoni ho neza na neza ishengero rya Pentekote ryatanguriye kandi rironka izinaryaryo, nko mu 1908 na 10 canke 12, ahantu hamwe mur'aho, ryaciye ritangurakugwa.

73 Ubu rero, neza cane:

«… kandintiwihakanye Izina ryanje»

Ibi rerondabikunda. Afise -afise rero imfunguzo za Dawidi, Arashobora kuzigama Ijamboryiwe no -no kubashira mu Bwami. Izina Ryiwe ryarahishuwe. Bari basohotse bavamw'ishengero « rivugwa ko ari rizima kandi ryarapfuye. », ariko ubu rero baribinjiye mw'ishengero ryari rifise Izina, ni ukuvuga ryari rifise Ubugingo.Murabona ? Bari bavuye mu rupfu : « Data, Mwana na Mpwemu Yera. » Izina « Data,Mwana na Mpwemu Yera.» Izina « Data, Mwana na Mpwemu Yera », ivyo mbere ntan'insiguro bifise. Murabona, ryazanywe ngaho n'uguhishurirwa. Igitabu ciwe cose canditswe biciye muguhishurirwa. Ni ko biri, ni We nyene yihishura.

74 Yavuze ati : «Nimugende mubatize abantu mw'Izina rya Data, n'iry'Umwana n'iryaMpwemu Yera.» Matayo 28 : 19. None muzokoresha irihe muri ayo mazina? Abenshimu bizera ubutatu babatiza «mw'izina rya Data, mw'izina ry'Umwana, mw'izina ryaMpwemu Yera.» Ivyo si n'Ivyanditswe. Baza uwo ari we wese. Murabona nimbaatari… ni mw'izina, mu rudende, si mumazina. Izina! Izina rya Data ,ry'Umwana n'irya Mpwemu Yera. Murabona ? Ni uko. Data si izina ; Mwana siizina ; Mpwemu Yera si izina. None ni iki ? Ni ikintu capfuye ! Nta zinana rimwe ririmwo. Ariko biciye muri ayo matazirano yapfuye…

75 Biciye ku Bugingo bwa Kristo, birahishurwa. Kandi Petero yategerezwa kuba yariafise… Yari hariya nyene afise impfunguruzo za -z'Ubwami mu ntoke, kandi ubwo Bwamini Mpwemu Yera ; zirekera mu mbavu, imfunguzo z'Ubwami. Mu yindi mvugo,impishuro, kuko Yesu yari yamubwiye. Oh, mwene Data, mbega ivyo ntimubibona ?Petero yari umwe yahezagirwa biciye kumpishuro y'Ukuri. Kandi yari ahagaze aho, aca yumva Yesu avuga ati : « Nimugende,mwigishe amahanga yose, mubabatiza mw'izina rya Data, iry'Umwana n'irya MpwemuYera. »

Petero arahindukira maze aravuga ati : « Mwami, ndafise vy'ukuri impfunguruzohano. Narahishuriwe ico ivyo bisigura, kuko ndazi ko Data atari izina, ko Mwanaatari izina kandi ko Mpwemu Yeraatari izina, ariko iryo zina ndazi iryo ari ryo. » Ni co gituma mbabatiza mw'Izina ry'Umwami YesuKristo.» Amen. Waa ! Ni ukuri.

76 Rero, ni nkaho mwoba muriko murasoma inkuruy'urukundo. Hanyuma mu…Ni mu gitabo ca nyuma ca Matayo, igice ca nyuma caMatayo. Musomye inkuru y'urukundo, bamwe muri mwebwe bapfasoni… ndazi komutabikora, nta nkeka ntimwobikora ; oya, oya. Murabona ? Ariko nambamwarabikoze igihe mwari abanyavyaha,murabona, mwarafata iyo nkuru ku…murabizi, mukiri udukumi, mugafata iyo nkuru,ikavuga iti, « Yohana na Mariya babayeho mu munezero kuva ubwo nokubandanya. » Huh !Yohana na Mariya ni bande ? Rero, hari uburyobumwe gusa bwo kumenya Yohana na Mariya abo ari bo, ubwo nabwo ni ukugaruka kuntango y'igitabu maze mukagisoma. Mbega ivyo sivyo?

Ni uko, rero mu gitabu ca nyuma ca Matayo, ku murongowa nyuma, Yesu avuga ati : « Nimugende, muhindure amahanga yose abigishwamubabatiza mw'izina rya Data wa twese n'iry'Umwana n'irya Mpwemu Yera ;mubigishe kwitondera ivyo nabageze vyose. » Ariko, namba Data atari izina,namba Mwana atari izina, kandi namba Mpwemu Yera atari izina, vyoba vyizamugarutse ku ntango y'Igitabu. Murabona ? Mugarutse ku ntango y'Igitabu, mugice ca mbere ca Matayo, ivyo muzobibona.

77 Ubu rero nagomba gutanga iyi ngereranyo ntoya hanomu gihe hano hoba hariho umuntu atarigera abibona. Nimurabeibi : Uwu ni Data, uwu ni Mwana, uwu na we ni Mpwemu Yera. Ubu rero nimwitegereze neza! Data, Mwana, Mpwemu Yera. Ubu reronimwitegereze neza: Data, Umwana, Mpwemu Yera, ni vyo Yesu yavuze muri Matayo28 : 19. Si vyo? Data, Mwana, Mpwemu Yera. None, ibi bisiguraiki? Data. Umvirize neza! Data, Mwana, Mpwemu Yera. None, Uwu ni nde? Data? Nimwumvirizebanyeshure. Data, Mpwemu Yera, Mwana. Uwuni nde? Mpwemu Yera. Uwu ni nde? [Ikoraniro ryishuye riti : "Data." -Umw.] Uwu ni nde? [Ikoraniro rivuze riti: "Mwana."] Mwana.Ni vyiza cane. None, uyu yari Se wa Nde? WaYesu Kristo. Turumvikana?

Ubu rero, Matayo, Igice ca mbere, umurongo wa 28,reka dusome. Turafata inkuru y'urukundo kano kanya maze tubone ico kivuga.Turaja kubona Uwo -Uwo ari we, uwo yavuze ngo: «Nimugende mubabatize mw'Izinarya Data, n'iry'Umwana n'irya Mpwemu Yera.» Neza cane. Rero, igice ca mbere caMatayo gitangurwa n'amamuko :

Igitabo kidondora ukuvuka kwa Yesu Kristo Umwana waDawidi, Dawidi w'Aburahamu.

Aburahamu yavyaye Isaka,… Isaka yavyaye Yakobo…

No kubandanya, kubandanya, no kubandanya,kubandanya gushika bigeze ku -ku murongo wa 18. Rero, murabona, urabandanyaumanuka hano gushika ku murongo wa 17 hanyuma…

Ni uko ba sekuruza bose guhera kuri Aburahamu gushikakuri Dawidi; ni cumi na bane kandi guhera kuri Dawidi gushitsa ku gihec'ukwambukanwa i Babuloni… ni cumi na bane, kandi… guhera ku gihec'ukwambukanwa i Babuloni gushika kuri Yesu Kristo ni cumi na bane nyene.»

Ukuvuka kwa Yesu Kristo kwabaye gurtya :

Igihe…«nyina Mariya yar'akowe na Yosefu…

Turiko turajana mu gusoma? Nimwumvirize neza:

…Igihe…«NyinaMariya, yar'akowe na Yosefu… ataramurongora, bamubona afise inda… yavuye kuMana Data.»

Mbega ni uko handitse? Afise inda yavuye kuri nde? [Ikoraniro ryishuye riti :«Mpwemu Yera.» -Umw.] Niuko, nibaza ko bari bambwiye ko uwuyari we Se wiwe. Ariko, namba Mpwemu Yera ari Umuperesona umwe, Data na we akabauwundi Muperesona, ico gihe rero yoba afise ba Se babiri. Ivyo bica bivamwo iki? Umwana w'ikivyarwa. "Oh," mwovuga muti, "we… barihenze gusa bavyandika nabingaho.» Neza:

Ariko Yosefu umugabo wiwe kukw'ar'umugororotsi…kandi kuko atagomvye… kumutetereza, yiyumvira kumubengera mu mpisho.

Akivyiyumvira,umumalayika w'Umwami Imana amwiyerekera mu nzozi, aramubarira, ati Yosefu,mwana wa Dawidi, ntutinye kurongora Mariya umugeni wawe: Kukw'atwaye inda ya… [ikoraniro ryishuye riti : « yaMpwemu Yera »]

78 «Amajambo aze aringanizwe bivuye mu kanwa k'ivyabona bibiri canke bitatu.»Murabona? Uh-huh. Mpwemu Yera ni We yari Se wiwe. Ariko, yavuze ati "Imana" niyoyari Se. Rero, namba ari abantu babiri batandukanye, ni nde none yari se?Nimurabe rero aho bica bibashikana. Muca mwisanga mu bintu bitagira umutwe n'amaguru.Murabona ? Rero, mutegerezwa kuvuga ko MpwemuYera ari We Mana nyene! Ni Mpwemu Yera, ariyo Imana. (Ubu rero, muciye mugirababiri, aho kugira batatu) Ni uko.

Neza cane, umurongo wa 21 :

…Afise inda yavuye kuri…( Ni Nde Yashize…indayari atwaye yavuye kuri nde ? Mpwemu Yera. Neza cane.)

Azovyara Umwana w'Umuhungu, na we uz'umwite (Izina) YESU,kukw'ari We azokiza abantu biwe ivyaha vyabo.

…Ivyo vyose vyabaye birtyo…ivyo vyose vyabaye birtyongw'ivyo Umwami Imana yavugiye mu kanwa k'uwavugishwa na We biboneke :

Ngo Raba, inkumi izotwara inda, ivyare Umwanaw'Umuhungu, bazomwita Imanuweli… : risobanura ngw'Imana iri kumwe natwe. »

79 Izina ryiwe ryari irihe ? Abo ba Yohana na Mariyababayeho igihe kirekire banezerewe ni ba nde ? Izina rya Data, n'iry'Umwana,n'irya Mpwemu Yera ni irihe ? Igihe Yesu yavukira kw'isi, yari Kristo, Umwami.Igihe yakebwa (haheze imisi umunani) Se na nyina baciye bamwita « Yesu. »Yari Yesu Kristo, Umwami Yesu Kristo, rero.

Yari Umwami ! Igihe yavuka, yari Kristo Umwami.Hanyuma, igihe yahabwa Izina rya "Yesu,"ivyo vyamugize Yesu Kristo, Umwami. Ivyo nyene ni vyo Petero yahishuriwe,yaramenye Yohana na Mariya abo ari bo igihe Yavuga ati :

« Nimugende, mubabatizemw'Izina rya Data, n'iry'Umwana n'irya Mpwemu Yera. » Ivyo vyarashoboraguhishurwa kuko Yesu yari azi ko Petero yari afise ingabire y'uguhishurirwa, Yarabimenye,kuko yari yaramaze kubihishurirwa na Mpwemu bivuye mw'Ijuru. Kandi iyo Imanaibonye ko umuntu ashobora kwakira Uguhishurirwa kuva mw'Ijuru, Irashobora kwizigirauwo muntu, ikagira ico ikorana na we; iyo yabihishuriwe, kuko Yavuze iti : «Nta muntu n'umwe ashobora kubihishura atari Data. » Imana ni Yo yonyeneishobora kubihishura, kandi Yari azi Petero mu… ko yakoreshwa na Mpwemu.Kubw'ivyo ya…

Petero yari azi uguhishurirwa; ni co gitumayasohotse maze akavuga ati : « Nimwihane kandi mubatizwe mw'Izina rya YesuKristo mubone guharirwa ivyaha vyanyu.»

80 Rero, imisi mike imbere y'uko ivyo biba, Yesu yariyarabariye Petero, (Muri urya mwanya nyene yamuhishurira uwo ari We, « Kur'urworutare, Nzokubakakw'ishengero ryanje, kand'amarembo y'i kuzimuntazorishobora.») "Nanje Ndakubwiye ko uri Petero, kandi nzoguha impfunguruzo,impfunguruzo"

Oh! "Imfunguzo z'Ubwami! Nzoguha impfunguruzo. Ico uzohambiramw'isi, nzogihambira mw'Ijuru. Ico uzohamburura mw'isi, nzogihambururamw'Ijuru.»

Hanyuma ku musi wa Pentekoti, igihe ishengeroryatanguzwa, haheze imisi cumi Yesu avuze ati : « Nimugende mubabatize mu-mw'Izina rya Data, Umwana, na Mpwemu Yera. » Petero biciye muguhishurirwa na Mpwemu yari azi ko ata kintu nk'ico kibaho ngo izina rya «Data, Mwana na Mpwemu Yera. » Nta n'uwundi n'umwe yigeze yiyumvira ibintu nk'ivyogushika mu gihe Katolika yatangura. Mu bisanzwe, umuntu wese yabatijwe mumatazirano ya « Data, Mwana na Mpwemu Yera » yabatijwe mu kwizerakw'Igikatolika (ni ukuri) ariko ntiyabatijwe umubatizo w'Abakristo.Hariho…amasigarira.

81 Kuri wa musi wa Pentekoti, bose barujujwe MpwemuYera, bavuga mu ndimi kandi -kandi bakora nk'ababorewe. Kandi bari baborewe,baborewe Igisama. Ico Gisama caje kiva mw'Ijuru, kiva muri Kanani yo mw'Ijuru.Kandi igihe bose bariko bavuza induru kandi basemerera bameze nk'ababorewen'ibindi, Petero yaciye ahaguruka hagati muri bo maze arababwira ati : « Abontibaborewe, ariko bari -bari… Arikw'ivyo n'ivyavuzwe n'Uwavugishwa n'Imana kobizoba, ko 'Yosutse Mpwemu wayo.' »

Rero ba -baramubajije bati : « Bagabo bene Data,mbega tugire dute ? Bagabo bene Data, mbega tugire dute? » Ico nico kibazo.«Twobironka dute? Ni nde afise impfunguruzo?»

«Ngw'ino hano Simoni. Wewe urafise imfunguzo,zisokorore uzikure ku rubavu rwawe. None ugira uvuge iki? Ubu rero, nimwibuke,Yesu Kristo yavuze ati, 'Ico uzohambira mw'isi, nzogihambira mw'Ijuru. Icouzohamburura mw'isi, Nzogihamburura mw'Ijuru. Kandi namba ari Imana, ategerezwagushitsa Ijambo ryiwe.

82 Mwebwe bapatiri b'Abakatolika, nimunyereke «kwaguharira ivyaha kwanyu.» Umupadiri w'umukatolika yambariye igihe kimwe, avugaati : « Mbega Yesu ntiyavuze ati, 'Abo muzoharira ivyaha, bazoba babihariwe?'‟

Ndamwishura nti : « Yarabivuze.»

'‟Abo muzogumizakoivyaha, bizobagumako?"'

‟Egome."

‟Ni ukuvuga kouwo ari we wese duhariye, aba ahariwe; kandi uwo ari we wese tudahariye, ntabaahariwe."

Nca ndavuga nti : ‟Uko nyene ni ko neza na nezahavuga."

Arabandanya ati: « None Kristo ntiyahaye Ishengero ryiwe,natwe tukaba turi ishengero ryiwe, ububasha bwo guharira ivyaha mw'isi?‟

« Ni vyo koko yarabikoze. » Mvuga nti, ‟Nambamuharira nk'uko na bo baharira, nzobakurikira." Egome. Mvuga nti, ‟Babahariyegute ? Mbega bababariye bati : 'Nimugende gukora inevene' canke ikintu nk'ico, canke nk'uko mwebwemubikora?"

Oya, mushingantahe.

83 Petero yavuze ati : «Nimwihane!‟ Amen. Ng'urwo urufunguzo, "Nimwihane, umuntu wese muri mwebwe,abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandimuzohabwa ingabire, ari yo Mpwemu Yera.‟ Urupfunguruzo rwaragize"kliki‟ kw'isi,rwongera ruragira "kliki‟ mw'Ijuru. Ni ivyo.

Ni co gituma, igihe Paulo yahura n'abantu bari babatijwena wa mugabo nyene yari yabatije Yesu, yarababajije ati : « Mbega mwarahaweMpwemu Yera igihe mwizera ? »

Baramubarira bati : « Ntitwari bwanamenye ko harihoMpwemu Yera. »

Arababaza ati :« Ku ki… » Fata ijambory'Ikigiriki, yavuze ati, « None mwabatijwe Umubatizo ki ? »

Barishura bati : «Umubatizo wa Yohana. »

Arababarira ati : « Ivyo ntibigihagije. Amajuruyarugawe. Mutegerezwa kuza ; mukabatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo.'''

Bamaze kwumva ivyo, bongera kubatizwa mw'Izina ryaYesu Kristo. Kandi bamaze kubikora, Paulo yarabarambitseko ibiganza, MpwemuYera amanuka kuri bo, maze baca batangura kuvuga izindi ndimi no kuvugishwa.

Oh, mwene Data, ni ukugaruka ku vyariho mu ntango.Ni ivy'ukuri. Ni «Urugi rwuguruye» rwashizwe hano nyene. Uravye ku karatandondabihugu usanga ari vyo, Umuco wo ku kagoroba, n'imirongo yose yo muriBibiliya ni ho vyerekeza.

84 Twoshobora kubigumako amasaha n'amasaha, arikontidusigaranye iminota irenga cumi n'itanu kugira tuvuge hafi ibintu mirongoitatu na bitanu bitandukanye. Tutabishitseko, tuzobironka ejo mu gitondonitutashobora kubikora kuri uno mugoroba. Neza.

Ubu rero, neza:

…ehe nashize imbere yawe urugi rwuguruye nta wushoborakurwugara, yuko ufise ubushobozi buke witondeye Ijambo ryanje, (Neza.)ntiwihakanye Izina ryanje

Turahageze! "NtiwihakanyeIzina ryanje" Izina ryarahishuwe,barava muri rya dini rishaje ryapfuye ry'i Sarudi, kandi bari binjiyemw'Ishengero rizima.

Ubu rero reka dufate umurongo wa 9. Ubu rero,turabe, tugeze ku kintu giteye ubwoba cane.

«Ehe, nguhaye bamwe bo mw'isinagogi ya Satani, biyitaAbayuda, - kandi Atari bo, ariko babesha; ehe nzobagobera kuza bikubite imberey'ibirenge vyawe, bamenye yuko jewe nagukunze.»

Ng'ibi ibintu vyomara ijoro ryose, aha nyene.Murabe! Ubu ni bande? Abo yari yabwiye, abari bamenye Izina ryiwe inyuma y'icogihe cose aha hepfo, binjiye baciye mu «rugi rwuguruye», Yesu Kristo (bafiseIjambo ry'Ubugingo, buzuye Mpwemu Yera), rero yavuze ati: «Muri mwebwe harimwoabari mw'isinagogi ya Satani.»

85 Ubu rero, bene Data, nimba mugomba ko dusubirakuri -kuri Perugamo, Ivyahishuriwe Yohana 2 : 13, gato, maze mureke ndaberekeivyo ari vyo vy'ukuri : idini.

Ndazi ah'uba, kw'ari ho umurwa wa Satani uri.

Ni uko. Iyo Lawodikiya…nako, nshatse kuvuga icogihe c'ishengero ry'Abanikolayiti aho bari bagize idini. Kandi murabe, kwerekanako bari ishengero, isinagogi, ishengero, ishengero ry'idini. Oh, bene Data! «Isinagogi ya Satani.» Rero, ibikorwavy'amadini ni ivya wa murwanizi! Si Abakristo, ubu mwibuke, ni Abakristo, arikoidini ubwaryo nyene. Neza.

Mwabonyeko avuga ati : "Murafise hagati yanyu abiyita 'Abayuda,' kandi atari bo, ariko mwasanze ari abanyabinyoma.»

86 Ubu rero, nimwibuke ibi : uwo mumalayika akomeye…mbegaariko abwira nde? Iryo shengero rya nyuma, urwo rugi rwuguruye hagati y'ayomashengero abiri.

Ni nde yigishije mu gihe ca mbere c'ishengero? Paulo. Ubu rero reka dufateAbaroma 2 : 29 ; maze turabe umuyuda uwo ari we, kugira ngo mutahure neza ko a-atari ivyiyumviro vyanje kuri vyo. Abaroma, igice ca 2, umurongowa 29, w'Abaroma. Neza cane, ng'ibi:

Arik'Umuyudawo mu mutima ni we Muyuda, kandi gukebwa ni…ukw'umutima, n'ukwo mu buryobw'impwemu, atar'ukwo mu buryo bw'inyuguti : Umeze artyo nta -ntashimwa n'abantu, arikw'ashimwa n'Imana.

Umuyuda ni -ni iki ? Ni umukristo yuzuyeMpwemu Yera ! «Ndazi ko muri hano hepfo, inyuma y'iki gihe c'ukwezwa cigiraigifise 'Mpwemu Yera,' ariko ni we abivuga, si Jewe ndabivuga.» Bavuga kobafise Mpwemu Yera ata bimenyetso vyamuherekeza bafise ariko yavuze ati : « Niababeshi. » Ng'ibi ibimenyetso bizokwama biboneka ku bizera. Ntimushoborakumugira umubeshi ! Oh, bene Data ! Ivyo bituma muhuma rwose. Mubibona ? Oh,bagenzi !

Ehe…nguhaye bamwe bo mw'isinagogi ya Satani, biyita Abayuda… (biyitaabakristo buzuye Mpwemu, ariko ari isinagogi, idini. Bigira abafise MpwemuYera, ariko barabaye idini -idini hariya. Ntibari bwanahabwe Uguhishurirwa !Murabona ? Neza cane.)…biyita Abayuda (cankeAbakristo), - kandi atari bo, arikobabesha ; ehe, nzobagobera kuza no kwikubita imbere y'ibirenge vyawe, bamenyeko nagukunze.

87 Birashoboka ko uyu murongo tuzokwongera kuwuvugako mu butumwa bw'ejo mugitondo. Aho ni ho tubonera za nkumi z'ibijuju. Ivyo murashobora kubibona ?Hari ryari ? Mu gihe ca nyuma, igihe zasohoka. Aha ni…Murabona ? Zarizatsindanishirijwe kubw'ukwizera kandi zirezwa. Zatsindanishirijwekubw'Ubutumwa bwa Luteri, zejejwe biciye muri ibi, ariko zibura « Urugirwuguruye. » Murabitahura ? Zatsindanishirijwe n'ukwizera igihe ca Luteri, mazezezwa mu gihe ca Wesley.

Benshi muri abo Banazireyano bakundwa, Ingenzi z'ubweranda. Aba Metodistebakomoka kuri Wesley, n'abandi bigenza neza, babayeho ubuzima butunganyebwejejwe maze biyumvira ko bafise Mpwemu Yera ; ariko iyo bumvise umuntu avugamu ndimi canke ikindi kintu, bazomushinyagurira, bazomutwengera mw'ijigo mazebavuge bati : « Biva kuri wa murwanizi ! » Bene Data, muba mwamaze gucirirwakoiteka igihe mwakoze ivyo ! Muba mwarogose kuri Mpwemu Yera, ico na contigiharirwa.

Murashobora kuvuga muti : « Turi abo muri rya Shengerorya mbere. » Amashengero yose mwoba murimwo nta co avuze. Ivyo nta co bisabisana n'Ijambo ry'Imana rivuga kutagira ico umuntu yongerako

canke ngo agireico akurako. Ni ivy'ukuri ! « Amasinagogi ya Satani! »

88 Nibaza ko ntabatsitaje. Si -sinkunda kuvugagurtyo, ariko hariho -hariho ikintu, muri jewe, kinsunikira kubikora. Sinziigituma ndabikora. Murazi ko ntakunda kubikora. Ku vy'ukuri siniyumva neza iyondabikoze, ariko naho biri uko ntegerezwa kubikora. Hariho ikintu muri jewekintuma kuvuga ivyo bintu. Namye nanka guhambarira abagore, ni -niyumva uko…Umugore arashobora guca arira, maze ivyo bikambuza amahoro. Nda -ndanka vy'ukuriguhambarira abagore, ariko hariho ikintu muri jewe gituma ndabahambarira.Murabona ? Umugore w'ingeso mbi(Ooh, muntu !), sinshoborakuvyihanganira. Kuko hariho ikintu muri jewe kintuma gukora ivyo, Mpwemu Yera.

Ndaraba mw'Ijambo, maze nkiyumvira nti : « Mwami,namba nihenze, ubinyereke. Ntundeke ngo ndabikore uko gusa. Abantuntibazo…Sinzo…ndakunda abantu, Urabizi. Ntundeke ngo hagire uwo ntsitaza, Manayanje, urazi ko ntakunda kubikora. »

Ariko Mpwemu Yera aca ahaguruka maze akambariraati : « Hagarara kuri iri Jambo ! Guma kuri ryo ! Guma kuri ryo, kuri iryoJambo ! »

Maze nca mvuga nti : « Ego, Mwami. Nimba bigize…Ni Wewe mugenzi aruta abandi. Ni wewe wenyene ngira… Ni Wewe Mugenzi wanjenyakuri azogira… ni Wewe gusa uzosigara umfasha igihe ubu buzima buzozimangana,ni co gituma ngomba kugumana na We, Mwami. »

Nuko. Simfise intumbero yo kubatsitaza kandi,ndabasavye, igihe ntanguye gukarira ayo madini ntimukabimpore. Kuva kera imbereyuko ngira ico ndabimenyako, mu buzima bwanje bwose, narabirwanya. Sinigezendavyizera, ni co gituma ntigeze ngomba kubishigikira. Kandi… Ni vyo. Imanaishimwe ko yandindiye kure y'ivyo bintu!

89 Ehe, nguhaye bamwe bo mw'isinagogi ya Satani, biyitaAbayuda, atari bo (bavuga kobuzuye Mpwemu Yera, ariko si vyo), arikobabesha; ehe, nzobagobera kuza bikubite imbere y'ibirenge vyawe…

Muribuka ikanguro rya za nkumi cumi? Muribukaingene zahamagawe? Bari cumi igihe baja gusanganira Umukwe. Si vyo? Batanu bariabanyabwenge kandi bafise amavuta mu matara yabo. Ni bangahe bazi ico amavutaagereranya muri Bibiliya? Mpwemu. Nta wari kubabwira ngo : «Ntimwejejwe, kandisu ndi…». Bari bejejwe bose; ariko batanu nibo bari abanyabwenge bikwiye(bafise ubwenge bw'Uguhishurirwa) kugira batahure urwo Rugi, murabona, kugirabuzure Mpwemu. Bari bafise amavuta mu matara yabo, ariko abandi ntibagira na mba.Kandi igihe bikangura, baje bavuga bati : «Oh ! Oh ! Nimumpe kuriMpwemu Yera mufise, ku mavuta yanyu! Nimumpeko makeya ! »

Bvuga bati «Urantunga, mushikanje, ariko mfiseayankwiye gusa; vyukuri nta yarengako mfise.»

90 Rero…hanyuma igihe…Yavuze ati: «Nimugendemusenge!» Maze igihe bari bagiye kuyarondera, Umukwe aca arashika, hanyumaabandi binjira mu nzu y'Ubukwe; za nkumi z'ibijuju na zo zica zugaranirwa hanzeaho zategerezwa guca muri ca gihe ca wa Mubabaro mwinshi ca... Twihweze kandiimirongo mikeya, maze muraja kubona ko ubwo nyene baca binjira muri ca gihe cawa Mubabaro mwinshi. Murabibona?

Za nkumi z'ibijuju… Ivyo tuzobibona ejo mugitondo. Ego, nibaza ko vyoba vyiza turindiriye, kuko ubu hageze ko turangiza.

91 Ubu rero reka turabe:

Ehe raba, ngira…

Basanzeari ababeshi, ko batari bafise Mpwemu Yera.

Akandi kantu gato, mu gihe dukoranye twese. YudaIsikaryota, nkuko nabivuze wa musi ku mugoroba, yari wa mwana wo kuranduka.Bibiliya ivuga ko: «yari yavutse ari umwana wo kuranduka.» Rero igihe… YesuKristo We, yavutse ari Umwana w'Imana. Ni co gituma Imana yibera muri Kristo.Turumvikana? Intuze… Satani yaba muri Yuda. Namba yari umwana w'Imana akabayavutse ari Umwana w'Imana, Umwana w'Imana yambaye umubiri aho rero Yuda yavutseari Umwana wo kuranduka; yari intuze yambaye umubiri…wa mwana wo kuranduka,Satani, wa murwanizi.

92 Ubu rero, muzobona ko yifatanije na Yesu maze abaumwe mu bigishwa. Murabibona? Icatumye abikora kwari ukugira ngo ashoborekwinjira mw'ishengero ry'ico gihe akoresheje ubwo buryarya. Ariko,Yesu avuga ati : «Ayo masinagogi ni aya Satani.» Oh bagenzi ! Ivyo vyobavyabakozeko? Ni amasinagogi ya Satani! Ni Yuda yigira Umukristo.

Ahanini, icari kiraje ishinga Yuda cari igiki? Amafaranga ! Uyu musi, intandaroy'ibintu vyinshi, ni amafaranga. Nimurabe amakoraniro y'Imana yubaka hariyainzu y'imiliyoni zitandatu z'amadolari, kandi bigisha ko Umwami agira agarukekandi ko amabombe arunze mu bubiko bwayo ateguriwe kutuzimanganya !

Hanyuma bakubaka inzu y'imiliyonizitandatu z'amadolari ! Oh ! Ndiumutunzi, nta co nkenye… » Ariko, ivyo tuzobibona ejo ku mugoroba, Umwaminiyabigomba.

93 Ubu rero nimurabe hano. Oh, nimurabe ingeneamashengero ari maniniya, ayo madini akomeye! Ashira hamwe amafaranga yayokandi… Mana yanje! Bakaba abatunzi bakomeye cane, kandi hariho mbere n'ukuntubahererekanya amafaranga, bagahana ingurane n'ibindi. Amashengero araguranaanaamafaranga, n'ibindi. Bene Data, ivyo simbona ko bihuje n'ivy'intumwa !

Petero yavuze ati : «Ifeza n'izahabu nta vyomfise, ariko ico mfise…» Nimumpe Ico, maze mwigumirize amafaranga yanyu !«Ifeza n'izahabu nta vyo mfise, ariko ico mfise, ndakiguha : mw'Izina rya YesuKristo…» Ico ni co yari afise, uguhishurirwa Ivyo : « Ndakiguha : mw'Izina ryaYesu Kristo? Va hasi utambuke.»

94 Neza cane, turabona rero ko yari « amasinagogi yaSatani.» Bishoboka gute ? Igihe Yuda yaza… Nimurabe neza! Yesu yabaye acinjiramu gikorwa, Yuda na we aba aragitanguye. Yesu yabaye agipfa, Yuda na we abaarapfuye. Neza na neza Mpwemu Yera yabaye akigaruka mu gikorwa, Yuda na we abaaragarutse. Ni impwemu ya Anti-Kristo iriko irakora kandi ni abanab'intabarirwa batitaho Bibiliya, ariko bitaho i -idini. Murabibona ? Kandibaciye bishingira isinagogi ! Ariko Yesu avuga hano ati : « Ni isinagogi yaSatani. » Iri hehe ? Irabandanya gushika muri iki gihe. Ivyo vyatanguye gutehariya ? Vyatanguye ari idini. No ngaha bakoze nk'ivyo nyene. « Isinagogi yaSatani » Murabitahura ?

Avuga ati : «Abo mw'isinagogi ya Satani,‟ ″bavugako buzuye Mpwemu. ‟ None bashoboye kuvuga ivyo bate ?

Igihe Yuda yari hano kw'isi, yahuye na Yesu,yatura ko yizera Yesu maze aca acika umunyabigega, yigarurira amafaranga yose.Si vyo ? Ivyo murabizi mwese ! Ariko, namba yarizeye Yesu Kristo, yemeye (arikoatari vyo) ko yatsindanishirijwe.Mbega uko ni ukuri? Mu Baroma 5:1 : « "Nonerero, ko twatsindanishirijwe n'Ukwizera." Uko ni ukuri. Neza.

95 Ubu naho, ikindi kintu. Muri Yohana Mweranda 17 :17, Yesu yabejeje mu Kuri « Ijambo Ryawe ni ryo Kuri » kandi ni We yariIjambo.

Yabahaye ububasha ku mpwemu zihumanye kugirabagende kugirisha ibikorane vyo gusengera abarwaye, gusenda amadayimoni, nogukora ibitangaza vy'uburyo bwose. Igihe bagaruka, Yuda yari kumwe na bo. Uburero, mwumvirize neza, mwebwe Abanazariyano n'Abametodiste bo kwa Wesley !Bagarutse banezerewe, bafise umunezero utangaje, bashima Imana kandi bavuzaakaruru kuko amadayimoni yari yabumviye. Ariko Yesu ababarira ati : «Ntimunezerezwe n'ukw'izo mpwemu zibumvira, yamara munezerezwe n'ukw'amazinayanyu yanditswe mu Gitabo c'Ubugingo. »

Kandi mwibuke ko Yuda yari umwe wo muri bo ! Murabibona? Yarashoboye kubesha ishengero gushika iyo hose. Yakora nka bo, ariko hagezekuri Pentekoti yerekana uwo ari we! Ivyo nyene ni vyo yakoze mw'ishengero ryaMbe…, mw'ishengero ry'Abametodiste, mw'ishengero ry'Abaluteri, mw'ishengerory'Abanazariyano, mu Mashengero y'Imana n'ayandi : yarabandanije gushika kukwezwa; ariko hageze ku mubatizo wa Mpwemu Yera, ku kuvuga mu ndimi, kubimenyetso n'ibitangaza, ivyo baciye babirwanya.

96 Bazobandanya bashike no ku gukiza indwara kuva kuMana; nta nkeka! Ni ivyo Yuda yakoze. Murabibona? Ariko igihe…Hariho Ugukiza indwara kuva kuMana kwinshi. Turabona n'abantu baja mu mabarabara maze bakamara amasahan'amasaha bari ahantu hamwe basemerera ngo : «Ivyimburwa vyanyu birashanimutatanga umwe wese amadolari mirongo itandatu kuri uno mugoroba,» n'ibindivy'ubupfu nk'ivyo. Ivyo biva kuri wa murwanizi! Nta nkeka. Ndizera n'umutimawanje wose ugukiza indwara kuva ku Mana. Ariko ivyo, ni ubugunge bw'umurwanizi!Koko! Ivyo biva kuri wa murwanizi. Naho mwokora ibimeze gute, mbere mukanakoran'ibirenze. Na Yuda yarasenda amadayimoni!

Yesu yavuze ati : «Kuri uwo musi benshi bazoza ahondi bavuga bati : «Mwami, Mwami,nti… ntitwasenda abadayimoni mw'Izina Ryawekandi ntitwakoze ibikorwa bikomeye?»

Ariko azokwishura ati : «Namba mwarabikora, ntacondabiziko. Mva i ruhande, mwa bakora ibizira mwe. Nta ho nigeze mbamenya!» Niivy'ukuri.

Oh, bene Data! «Irembo rirapfunganye, n'inzira nintoya, kand'abahabona ni bake.» Turiko tuvuga kuri abo «bake» kuko turi mu giheca nyuma kizobonekamwo abantu bake. Ivyo nimuvyemere, ndabibasavye, bene Data!

97 Ntimwibaze yuko mpagaze hano… nopfuma…Iyo ivyobiba vyava kuri jewe, no -nogize… kubwanje noshoboye kwigarura maze nkibwira nti : «Tugende mu Makoraniro y'Imanacanke mu wundi mugwi, dupfe kwifatanya na bo maze tujane na bo.» Ariko, Oh beneData, nzoba ngowe ninabikora! Nzoba ngowe! Nzokwama nirinda kubikora! Imanayonta mu muriro hamwe nokora ikintu nk'ico. Ego, mushingantahe. Iyaba mfiseintuze kanaka…Namba vyosaba ko nicwa mporwa ugushinga intahe nzokwemera mpfe,nta

bindi. Kuko muri jewe hari Ikintu, sinoshobora kubikora namba.

Ndazi ko uku ari Ukuri, kandi birakwiye kompagarara mu Kuri, kandi Bibiliya ikakwemeza. Amadini arabirwanya, ariko Bibiliyaivuga ko ari ivy'ukuri. «Reka ijambo ry'umuntu ryose ryitwe ikinyoma, arikoiryayo ribe ukuri." Ni ukuri, ni ivyo, nimugumane na Kwo.

…nzobatuma…isinagogi ya Satani,…(Neza cane.)…Kandibazomenya…bazoza bikubite imbere yawe, maze…bamenye yuko na…nagukunze.

Ko witondeye ijambo ryo kwihangana kwanje, nanjenzokurinda igihe co kugerageza,…

98 Ubu rero nimurabe, kugira ngo mubone ko atari igihec'Abametodiste ndiko ndavuga, ariko ko ari kwa kwinjiranamwo. Nimwitegereze!Mbega muriteguye kwumviriza? Mwese? Nimutege yompi :

Ko witondeye ijambo ryo kwihangana kwanje,nanje nzokurinda (ya masigarira y'inkehwa) igihe co kugerageza, aho…

Ishengero rigeze ahantu muzosabwa kwinjira muriiryo dini canke -canke naho muka…muzotegerezwa -muzotegerezwa kubikora, beneData. Nta bindi. Muzoja hamwe mwinjire mw'idini canke mwakire ikimenyetso ca cagikoko, canke mwakire…Mwo kimwo muzogira ishirahamwe, canke muje mw'idini(arico mu bisanzwe kizoba ikimenyetso ca ca gikoko), kuko ari kwa guhamwa.Murabona?

…kigira kize… mu bihugu vyose, kugeragezaababa mw'isi.

Ngira nze vuba : wumire kuco ufise, ntihagire ugutwara igitsibo cawe.

99 Rero iki "kigeragezo" gikomeye, igihe cokugeragezwa kigira kize ku bari mw'isi bose bagira binjire muri wa Mubabaromwinshi. Turaja kubibona mu kanya gato. Bazokwinjira muri wa Mubabaro mwinshi,kandi uwo mu Babaro mwinshi ntiwashitse mu gihe ca Wesley. None turi mu giheikihe? Urwo «Rugi» rwuguruye rushizwe imbere yabo ni uruhe? Ni hagati y'igiheca Wesley na… ni ho ubu ishengero ryerekeje, kandi ryaramaze kuhashika, mu giheca Lawodikiya. Ariko aka kanya gato cane hano, iyi myaka mirongo itatu n'itanucanke mirongo ine ishize, yabaye «Urugirwuguruye» rushizwe imbere y'ihanga kugira ngo ryinjire, kandi Imanaizofata amasigarira make maze iyashireko ikimenyetso burundu. Na yo abariakazuyazi, azobadahwa bave mu kanwa kiwe; igikorwa kizohagarikwa giturumbuka,Ishengero riduge, maze Antikristo ace aza azanye uguhona. Ivyobihuje neza na neza na Bibiliya yose! Ni uko!

100 Kandi aha ni ho za nkumi z'ibijujuzibonekera. Ibi vyerekana ko ica nyuma mu bihe vy'ishengero gitangurira ku giceca mbere c'igihe ca Pentekoti, kuko baraheza bakinjira muri wa Mubabaro Mwinshiuzoza mu…uwutaje mu gihe ca Wesley.

Umurongo wa 11, neza cane, «Igitsibo c'Ubugingo.»U -umurongo wa 11 uvuga uti:

«Ngira nze vuba…(Ngw'iki? Gato inyuma y'ibi, murabona.)

Wumire ku co ufise (guma kuri co), ntihagire Ugutwaraigitsibo cawe.

«Igitsibo » ni iki? Igitsibo ni iki? Ni -ni -ni… Igitsibo,ivyo bisigura yuko « ufise -ufise ubwami. » Iyo wambitswe igitsibo,uba uri umwami. Murabibona ? Kandi tuba abana b'Imana iyo twambitswe igitsiboc'Ubugingo budashira, kandi ubwami bwacu, ni isi : « Yatugize abami n'abaherezib'Imana.» Uko ni ukuri ? Ni ivyo.

101 Kandi hariya, muriYerusalemu Nsha, abami bo kw'isi bazozana ubwiza bwabo muri uwo Murwa. Oh, nivyiza cane ! Reka…nimba mugomba kuvyandika. Murabona, bizokwakaka nk'inyenyeri,ivyo bitsibo. Kandi muri Daniyeli 12 : 3 harabivuga mu buryo bwagutse cane,namba mugomba kuvyandika. Kumbure yuko twobifatira umwanya mutoya kugiratubibone. Dufate Daniyeli, ivyo avuga hano, muri iki gice ca 12 ca Daniyeli. Neza cane. Reka duhere ku murongo wa mbere, igice ca12 :

«Maz'ico gihe Mikayeli… (Murabibona? Oh,murazi uwo ari we !)… ni we mugabishaahagarikiye ubwoko bwanyu, kandi hazobaigihe c'umubabaro… (Ni ibiki ? Gato inyuma y'ibi. Ni wa Mubabaro Mwinshi!)… Utigeze kubaho, uhereye igihe amahangayabereyeho, ukageza ico gihe. Arikw'ico gihe umuntu wese wo mu bwoko bwanyuazoboneka ko yanditswe mu gitabo azorokoka.

Kandi benshi bo mu bazoba basinziriye mw'ivu hasibazokwikangura, bamwe bikangurire Ubugingo budashira (igitsibo),abandi bikangurire ubumaramare n'ibiteterwa bitazoshira.

Kand'abagize ubwenge bazokayangana nk'ugukayangana kwomw'itazanure ry'ijuru, n'abashikanye benshi ku bugororotsi bazokwakank'inyenyeri ibihe bitazoshira.»

Oh, bene Data, ng'ico "Igitsibo" canyu, ico gitsibo ciza c'Ubugingo Budashira ! Igitsiboc'Ubugingo Budashira.

102 Ubu rero, umurongo wa 12, twihuta cane imbere yukotu… kandi ndiyumvira ko duca tuja hano inyuma y'ivyo.

Unesha nzomugira inkingi yo mu rusengero rw'Imana yanje.

Ubu rero, tugire twihute, kuko twamaze kurenzaiminota itanu ku gihe co kurangirizako. Ariko ejo mu gitondo murashoborakumarira itiro, si vyo? Mama, muzoshobora kureka Papa amare itiro ejo mugitondo. Biraborohera kuvyuka, ariko Papa we biramugora kuvyuka mu gitondo.Kubw'ivyo rero, muze mumureke abe araryamye. Muzokwomboka muvyuke kumuteguriraikawa anywa gurtyo, azogubwa neza.

103 «Unesha nzomugira inkingi yo mu rusengerorw'Imana yanje.»

Oh, reka tumare akanya tuvyigako ijambo ku rindi.Murashobora kunyihanganira akanya gato. Ndazi ko hashushe. Kandi murazi ko nongaha havugirwa Ubutumwa hashushe. Ariko reka turabe:

…nzomugira…Unesha, nzomugira inkingi yo mu rusengerorw'Imana yanje…

«Inkingi.» Inkingi canke "urufatiro." Urufatiro murusengero rw'Inzu, canke Nzu y'Imana.» "Urusengero rw'Imana yanje," canke mu«nzu y'Imana yanje.» «Urusengero rw'Imana yanje», canke «inzu y'Imana yanje.»Ni inkingi, urufatiro. Ni abo bagumije Ijambo bari barumvise (Ku murongo wa 8),maze bakagaruka ku rufatiro.

104 Ubu rero reka, turabe Abanyefeso 2 : 19, igihec'ishengero rya Efeso. Murabizi, dukwiye kugaruka kuri Efeso, kuko aho ni hohari itanguriro. Si vyo? Ni uko, reka tugaruke kuri Efeso ahari ishengeroryatangujwe na Paulo. Reka rero ubu turabe aho tugeze. Ishengero rya Efeso.Dusubire inyuma kugira turabe urufatiro rwari ruhari ico gihe, kandi turabe icoPaulo avuga ku vyerekeye Urufatiro muri ico gihe ca mbere c'ishengero. Ubu reroariko abwira Abanyefeso, ati :

«Nuko ntimukir'abashitsi n'akavantara, ariko musangiyeubwoko n'abera, mur'abo mu ngoro y'Imana…

Mwubatswe ku mabuye y'itanguriro ari yo…(Abaluteri, canke ya -canke y'Ababatiste…Rindira, nihenze,si vyo ? Uh -oh.)

Ariko mwubatswe ku mabuye y'itanguriro, ari yo ntumwan'abavugishwa n'Imana, Kristo Yesu ari We buye rigumya imfuruka.»

105 Bose binjiye baciye muri iryo Rembo, ari ryo Yesu!«Unesha, nzomugira inkingi.» Mu yindimvugo, «nzomugira agace k'urufatiro.» «Mbega nzomuha iki? Nzoshira muri weinyigisho z'intumwa n'abavugishwa n'Imana bo ku ntango, kandi nzomuhaUguhishurirwa.» Abavugishwa n'Imana bamuvuzeko iki? Ni umujanama, Umukamaw'amahoro, Imana y'Ubushobozi, Data wa twese ahoraho. Ivyo ni vyo abavugishwan'Imana n'intumwa bavuze. «Unesha ayo masinagogi yose ya Satani, akigumira kuruhande kandi agahanga amaso Urugi, nzomugira inkingi, nzomusubiza ku rufatirorw'Ijambo Ryanje, mu Nzu y'Imana yanje.» Oh, bagenzi! Nzomuhagarika hano nyene,mu nkingi, mu rufatiro aho bazohagarara neza na neza mw'Ijambo. Amen. Ivyondabikunda, bene Data, ni vyiza. Kumbure ko ndiko nkora mu buryo butwengeje,jewe… ariko niyumva neza. Neza cane.

106 …nzomugira i…Unesha…nzomugira inkingi yo mu rusengero rw'Imana yanje, kandi ntazosohoka ukundi…

Ni ibiki? Namba ari inkingi ntazosohoka ukundi. Ni Umugeni!Ni ukuri.

Ico gihe ca Efeso cari gifise, nk'uko Paulo yariyarabigishije mu Vyakozwe n'Intumwa… murindire akanya gato. Namba mutegerezwagucika inkingi… Hano ndafise uwundi murongo ngomba kubaha, imbere yuko dushikaku biraba Umugeni. Namba ategerezwa kuba inkingi, ategerezwa kugaruka ikuri Efeso,akagaruka ku gihe ca Paulo. Kandi Paulo, Umumalayika w'igihe ca Efeso, ari naco cabaye intango y'ishengero, urufatiro, yabigishije ko «namba baribarabatijwe ukundi atari mw'Izina rya Yesu Kristo, bategerezwa kwongerakubatizwa.» Ni ivy'ukuri! Ivyakozwe n'Intumwa 9 canke 5:19, canke 19:5, nako.Mu b'i Galatiya 1:8, avuga ati : «Naho yoba umumalayika, aje kubigisha ibindi,arakavumwa.»

107 Ni na bo bari wa Mugeni yari mu Rusengero. Ubu rero, dufate IvyahishuriweYohana, igice ca 7, maze turabe ko bari Umugeni, igice ca 7 c'IvyahishuriweYohana.

Rero, ndashobora, nda -nda…Turikoturavuga hano, amasigarira y'Abisirayeli, bamwe ibihumbi ijana na mirongwine nabine, n'ibindi, ariko reka -reka tube turabisimba gato, maze tubandanye gushikaku murongo wa 12. Aha twovuga ko ari igikorane ca Pentekoti! Aba ni abantubari…oh, murabona…Neza, reka dutangurire hano ku murongo wa 9, kuko mu ntangohavugwa Abisirayeli, ni bamwe ibihumbi ijana na mirongwine na binebashirwakw'ikimenyetso, ivyo tuzobibonaejo.

Maze…hanyuma y'ivyo mbona ishengero ryinshi, atawoshobora kuriharura…

108 Mwibuke ko, uhereye ku murongo wa 4 ugashitsa ku wa 8, havugwa Abisirayeli : nizo nkone, abarinzi

b'Urusengero. Tuzobivugako ejo mu gitondo, namba Umwamiabitwemereye. Ni ho hari imiryango cumi n'ibiri. Yashize ikimenyetso ku bihumbicumi na bibiri vyo mu muryango wa Yuda; ibihumbi cumi na bibiri vyo mu muryangowa Reyubeni; ibihumbi cumi na bibiri vyo mu wa Gadi; co kimwe no mu wa Lewi,Zebuloni, Benyamini. Hari imiryango ingahe muri Isirayeli? [Ikoraniro ryishuye riti: «cumi n'ibiri - Umw.»] Ni uko, cumi na kabirikugwiza ibihumbi cumi na bibiri bingana bingahe? Ibihumbi ijana na mirongwinena bine. Bose bari Abisirayeli; Yohana yarabamenye, bose,yari Umuyuda.

109 Hanyumay'ivyo… mbona ishengero ryinshi, ata woshobora kuriharura,(Aha haje Abanyamahanga.) bo mu mahangayose… n'imiryango yose n'amoko yose… n'indimi zose, bahagaze imbere y'Imana n'imbere… y'Umwagazi w'Intama, bambaye imvune zera, bari n'amashami y'ibigazi mu minwe;

Ni vya vyaremwe vyishwe kera (batabaguwe n'intambwe, n'ibindi,) bazira ubuButumwa bwiza bwa Mpwemu Yera butemba amaraso. Ivyo bihumbi n'ibihumbivy'utwana twaciriwe amazosi mu mabarabara, n'abandi bose, bahagaze ngaha! Bambayeimvune zera, bafise amashami y'ibigazi mu minwe. Oh, bagenzi!

Basemereran'ijwi rirenga, bat'Agakiza n'ak'Imana yacu ivyagiye kur'irya nteben'ak'Umwagazi w'Intama.

…Agakizan'ak'Imana yacu ivyagiye kur'irya ntebe… n'ak'Umwagazi w'Intama

Abamarayikabose bari bahagaze bakikije ino ntebe, bakikijwena ba bakuru na vya binyabugingo,bikubita hasi bubamye imbere y'intebe, basenga Imana…»

Nimwumvirize, namba mutibaza ko iki cari igikorane ca kipentekoti.

Bavuga-bavuga bati: Amen: Umugisha,… no guhimbazwa,… n'ubwenge,…n'ishimwe,… n'icubahiro,… n'ububasha,… n'ubushobozi, n'ivy'Imana yacu ibihe bitazoshira. Amen.

Wuu! Bisa n'aho bari bagize ibikorane vyo mu mahema hariya, si vyo? Ego.

110 …Umwe muri babakuru arishura -arishura,

arambaza,…canke,arambaza at'Aba bambaye imvune zera ni ba nde? Kandi bavuye hehe?

«Wewe usanzwe uri Umuyuda, urazi ya miryangoyose cumi n'ibiri. None, aba nabo ni bande? Bavuye hehe ? Bambaye imvunezera, none bavuye hehe? Ko atari abo mu muryango wa Benyamini canke iyindi. Noneaba ni ba nde hano? »

Kandi yohana yariagize cane… ?...

…Ndamwishura, nti Mugenzi ni wewe wobimenya.( Ivyo -ivyo vyankozeko ! Jewe -jewe… »Murabona ?) Arambwira, at'Aban'abavuye muri wa Mubabaro mwinshi, kandi bamesuye imvune zabo bazezeshaamaraso ya wa Mwagazi.

Kuko…Ni co gituma baba imbere y'Imana (mu Nzu), bakayikoreramu rusengero rwayo ku murango no mw'ijoro : kand'Ivyagiye kur'irya ntebe izobahagati yabo.

(Ni nk'aho umengo bari bashonje gato,siko ?) Ntibazoba bakigira inyotaukundi (Imana ihabwe icubahiro!), kand'izubantirizobarabika cank'indugumba yose,

Kuko wa Mwagazi ari hagati muri ya ntebe, azobaragira, kandi…azobashora kumasoko y'amazi y'Ubugingo; kand'Imana izohanagura… amosozi yose ku maso yabo.

Ng'uwo niWe, ng'Uwo Umugeni. Oh, bagenzi! Ese ingene ari vyiza! Umugeni !

111 Ubu rero hinge turabe ivyo yavuze hano, kugira ngomumenye neza ko bitaza kubacika, umurongo wa 12 :

Unesha, nzomugira inkingi yo mu rusengero rw'Imanayanje, kandi… ntazosohoka ukundi…

Aha Umugeni ahagararanye n'Umukwe. Oh!

Oh, oh, iyaba twari dufise umwanya wo kuvyigako (nzobivugakomuri ca gitabo kizosohoka); wigiye hirya mu Vyahishuriwe Yohana, havugwa ngo :«Abami bo kw'isi bazozanay'ubwiza bwabo» Ni nk'intuze… (mu kigereranyo) umuryangowa Lewi : iyindi miryango yose yawuzanira ikigira cumi, murabona; uko ukwezigutashe, uko isabato ishitse, baraduga gusenga. Mbega ukuntu uzoba ari umusimwiza! Neza cane. "Kandi nzo…" Hinge turabe, "ntibazongera gusohoka ukundi."Neza cane:

112 …inkingi yo mu rusengero rw'Imana yanje,… kandinzomwandikakw'izina ry'Imana yanje…

Izina ry'Imana ni irihe? Ni Yesu. Namba mugomba kuvyandika (Umwanya urikouratujana), «Yesu!» Abanyefeso 3 : 15havuga yuko : « Imiryango yose yo mw'ijuru n'iyo mw'isi yitirirwa Yesu,»Murabona. Neza cane. Neza cane, rero. Neza cane:

….n'iry'Umurwa w'Imana yanje, ni wo Yerusalemu musha, wururuka uvuyemw'ijuru ku Mana yanje:" Nzomwandiko…(Oh! Nimba mubibona, ni rya Zina rimwenyene, Mwategerezwa kuba mwamaze kubibona. Murabona? Murabona?)… kandi nzomwandikako…izina ry'Umurwa w'Imanayanje,…

«Umurwa». Abandanya avuga ati :«ni wo Yerusalemu musha.» Murabona, Yerusalemu musha. "Nzomwandikako Yerusalemumusha." Rero, Umugeni, canke Ishengero, ni Yerusalemu musha. Ni bangahe ivyobabizi ? Ishengero Ubwaryo nyene ni Yerusalemu musha. Ivyo muravyizera ?

113 Reka tuvyerekane. Ivyahishuriwe Yohana 21,ndibaza, niho ngomba. Neza, reka turabe hano inyuma kugira ngo tubibereke.Bibiliya ivuga iti : «Mugerageze vyose,» murabona. Rero, Ivyahishuriwe Yohana21. Oh, mwumvirize ibi ubu…ibi…nimwumvirize ibi, namba mugomba kubona icoGisagara gishasha ciwe (citirirwa Izina ry'Imana) ico ari co.

Mbona ijuru risha n'isi nsha : kukw'ijuru rya mberen'isi ya mbere vyari vyagiye, n'ikiyaga nticari kikiriho.

Mbona umurwa wera, Yerusalemu musha, wururuka uvamw'ijuru ku Mana, witeguwe nk'uk'Umugeni asharirizwa umugabo wiwe.

Ishengero rishi -risha ni Ishengero ry'Abanyamahanga, ari ryo waMugeni. Umugeni ava mu Banyamahanga, kandi Abanyamahanga bitirirwa Izina Ryiwe.Yatoye ubwoko mu Banyamahanga bwitirirwa Izina Ryiwe. Ivyo muravyizera?

Namba mutavyizera, nimusome Ivyakozwe n'Intumwa 15:14, maze mubirabe. Ivyakozwe n'Intumwa 15 :14, namba mugomba kuhazingurura mukanya gato, kandi tuzo…hanyuma rero muzo…Ivyakozwe n'Intumwa igice ca 15n'umurongo wa 14, ndizera ko tubibona. Ubu rero turi hafi yo kurangiza.Ivyakozwe n'Intumwa 15, umurongo wa 14 :

Barangije kuvuga, Yakobo aravuga, ati Bagabo beneData, ni munyumvirize :

Simoni yabiganiye ingen'Imana yatanguye kugenderaabanyamahanga, ngw'ibarobanuremw'ubwoko bw'izina ryayo.

Uh-huh.Neza cane, ng'ivyo. Oh!

114 Ubu rero, ndibaza ko dushitse vy'ukuri ku mperay'umurongo, kandi tuja kurangiza twerekana ko ari We.

…Nanje nzomwandikakw'izina ry'Imana yanje,n'iry'Umurwa w'Imana yanje,…

Ni ryarindi nyene buri gihe: Yesu, Yesu, Yesu. Kandi Umugeni yabiriwe na Yesu, ibicabimugira muka Yesu; n'ibindi, murabona.

Hariho abagore beza cane murii iyi nyubakwa, uwumugoroba, bameze neza cane, ariko umwe gusa muri bo niwe w'iwanje, afise izinaryanje. Ndizigira ko mubitahuye. Yitirirwa izina ryanje, uko ni ko biri no kuMugeni wiwe. Neza cane:

115 …Nanje nzomwandikakw'izina ry'Imana yanje,…ni wo Yerusalemu musha, wururuka uvuye…canke Umugrwa w'Imana yanje, niwoYerusalemu musha, wururuka uvuye mw'ijuruku Mana…uvuye mw'Ijuru ku Mana yanje: kandi nzomwandikakw'izina ryanje risha.»

Vyoba vyizandabiretse, si vyo? Neza. Nimurabe,akajambo «kuri we» kari mu rudende. Rerohamwe mwogaruka gato mu Vyahishuwe 2 : 17, kugira ngo tubisubiremwo gato gusa:

Uri n'ugutwi ni yumve ico Mpwemu abwira amashengero.Unesha nzomuha kuri Manu yanyegejwe, kandi nzomuha ibuye ryera, kur'iryo buyehanditswekw'izina risha, nta muntu arizi, atar'uzorihabwa.

116 Ntimumukunda? Mbega si Uw'igitangaza?

Ndamukunda, ndamukunda

Kuko yabanje kunkunda

Akanyigurira i Gologota ku giti.

Murazi, ndakunda kuririmbira muri Mpwemu inyumay'igikorane cavugiwemwo amajambo akaze. Mweho? Oh, Ese ukuntu nkunda rero gucaninjira muri Mpwemu. Ijambo! Murabona, ubu rero Ijambo ryaguye mw'ivu, kandiikintu conyene rikeneye, ni akabomberwa gakeya. Murabona, amashimwe makeya,maze rero rigaca ritangura gukura. Oh, mbega ntimumukunda? Tuduze amaboko mazetukaririmbe:

Ndamukunda, ndamukunda,

Kuko yabanje kunkunda

Akanyigura ku Giti i Gologota.

117 Twunamike imitwe yacu, maze tuvuge duti : «Data,ndagukunda, ndagukunda!» Oh, ese ukuntu tugukunda! Turagushimiye bivuye kumutima, Oh Mwami. Oh, imitima yacu -yacu twebwe abantu ntishobora guserura ivyotwiyumvamwo, iyo twiyumviriye ingene Watwogeje mu Maraso yawe bwite! Twariinyambukira, Mwami. Twa -twakunda ibintu vy'isi, twese -twese twari mw'ishayo y'ivy'isi, ariko waramanutse,kubwo Ubuntu bwawe, uramvura Amaboko yawe y'agaciro kandi yera mw'ishayory'ivyaha twarimwo kugira udukureyo, udutoranye, utwoze, uduhumanure,udushiremwo impwemu nsha kandi ngo udukundishe ibintu vyo mw'Ijuru. Ese ukuntutugukunda Mwami!

Muri iki gihe c'ubushukanyi, nta kindi kintu nakimwe dufise Mwami. Isi nta co isigaranye, ni -ni -ni igihe c'iherezo! Turavye muri Bibiliyaturabona ko ibihe vyarangiye. Ubu turi kw'iherezo, kandi igihe kirahita cihuta.Yesu ntazoteba kugaruka, O Mana, shira umuriro mu mitima yacu, ntureke ngo duhagarare! Kandi sinzi ico Paulo yokora, iyo aba yari hano kuri uyu mugoroba mazeakabona ingene ibintu bigenda. Bobaye bamushize mw'ibohero butaraca, uravyeukuntu yobwira abantu ngo bitegurire Ukugaruka kw'Umwami.

118 Ewe Mwami, muri kano kanya, hariho abarwayebenshi, kuko mbona ibitambara n'ibisaba gusengerwa biri hano. Ndagusavye ngoukize aba bantu bose, Data. Turazi ko ari igice c'ibango ry'igikorwa caweutigeze unanirwa kwerekana ko ari Ukuri : « Kand'ibimenyetso bizokwama bibonekaku bizera» Bafata ibitambara n'ivyambazo vyaba vyakoze ku mubiri wa Paulohanyuma bakabirungikira abarwaye. Impwemu zihumanye zarabavamwo maze bagakira, kuko abantu bizera Imananzima. Ongera ubikore Data, kuri uyu mugoroba, mu gihe ndabakuragije Mwami,muri Yesu Kristo.

Ubu naho Mwami, ngusavye ngo ufate imishaha yacumu biganza vyawe, utwoze, utugorore, kuko havugwa ko « uzoza kuronderaIshengero ritagira agasembwa canke amarabaga. » Reka ifero ishushe yaMpwemu Yera itugorore idukureko iminkanyari yose, kandi dushobore kugumatwiteze ukuza kw'Umwana w'Umuntu.

Ubu rero Data, dusavye ngo imihezagiro yaweitubeko. Usengane natwe, Data. Turagusenga. Kuri uyu mugoroba duhagaze imbereyawe kandi tuguhaye imitima yacu. Tu…

MESSAGE hub online

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7